# Igihengeri Kiri Hagati Y'Ibihe Vy'Ishengero N'Amashashara Ndwi

Jeffersonville, Indiana, USA
17 Ntwarante 1963

1 Mwiriwe neza bagenzi banje. Kuba twongeye kugaruka hano mu Ngoro y'Umwami, kuri uno mugoroba, kugira dukorane, tukaba tukibeshejweho na Manu twaronse muri iki gitondo hamwe imitima yacu yahezagirwa cane n'uko ubwiza bwiwe bwari ngaha; ni ibakwe rikomeye twagiriwe.

Kuri uno mugoroba turaja gutangura tuvuga kuri iki cigwa, ngo: «Igihengeri kiri hagati y'Ibihe Ndwi vy'Ishengero na bimwe Ndwi Bimatanije ca Gitabo.» Nkuko namye ndabivuga kuri uno muhingamo ndavyiganira umugenzi umwe : kumbure, Umwami avyemeye (ni ukuvuga atantwaye i We, ntagiye mu mahanga canke hatabaye ikindi kintu) noshobora kugaruka hano muri rino ci, kuko nagomba no kuzovuga kuri za « Nzamba indwi za nyuma » kuko zifataniriza vyose hamwe. Hanyuma hariho na vya « Vyago ndwi vya nyuma »; n'ivyo vyose birajana nkuko tuzobibona mu gihe kiri imbere.

2 Birashika ko nja kuvuga ngateba kuri uno mugoroba. Naho navugiye burya butumwa bwose i Phoenix, sinigeze nsarara na rimwe; ndibaza ko nagize ibikorane mirongo ibiri n'indwi ntasaraye; ariko aha, akarere kaho ni kabi. Turi mu kiyaya kandi umuvugabutumwa uwo ari we wese, avuze aca yuma mu muhogo.

Igihe kimwe, umuganga umwe wo mu bagenzi banje yarandavye mu muhogo kugira ngo arabe ikitagenda neza; nta co yabonye na kimwe, uretse udukovu twase imigaga ku tugozi two mu muhogo dutanga amajwi. Ivyo vyatewe no kuvuga ubutumwa. Umuntu arabimenyera, murabizi. Naciye numva ndemye kuko numva nshoboye kubandanya mvuga ubutumwa. Ivyo nta co bitwaye kuko ari ivy'Ubwami bw'Imana.

Gurtyo rero, turashobora kutagira inkovu za Yesu Kristo mu mibiri yacu nkuko vyabaye kuri Paulo amaze gukubitwa, ariko turashobora kuronka ikimenyetso kivuye mu kuvuga ubutumwa no mu gushira ijwi hejuru turwanya ikibi. Gurtyo, turakenguruka kubona tutagikubitwa nkuko bakubitwa ico gihe, n'imiburiburi kugeza ubu

3 Ni bangahe bari ngaha basomye canke bumvise ubutumwa bwiswe ngo: « Bagabo, iki coba ari co gihe?» Murazi, ubutumwa bwitwa « Bagabo, iki coba ari co gihe? » Namba mutarabwumva, nifuza rero ko mworaba ukuntu mubwumviriza. Ni ikintu catumye mpagarika umutima. Nagomba guheba vyose imbere yuko ntangura igikorwa. Hari haciye nk'imisi cumi mpagaritse umutima ku buryo ntari ngishaka kuvuga ubutumwa canke kurongora ikintu ico ari co cose kuko ntari ngitahura ikintu na kimwe. Ivyo vyari bimeze nkaho ari ikintu kibi, ariko sinari nzi ico ari co. Gurtyo, mu gitondo ca kare naduze ku musozi Sabino Canyon, uri ahogendwa n'imodoka iminota mirongo itatu canke mirongo ine mvuye i muhira, uciye mw'ibarabara ry'uburebure bungana na Sitadiyo mirongo itatu ziduga umusozi [Izo sitadiyo zingana n'ibirometero 50-U]. Ni ahantu

hadasanzwe, hariya ruguru. Aha mu bugaragwa harashobora gushuha gushika ku

bipimo vya mirongo ibiri na gatanu canke mirongo itatu, maze nduze kw'itaba ry'umusozi hakaba harundanye urubura rufise uburebure bw'imetero zibiri.

4 Nta gihe kihaciye turi muri Phoenix, mu gihe ibipimo vy'ubushuhe vyerekana 2 musi ya 0 (bari bashuhije amazi y'ikidengeri bimvye maze abantu bakayogamwo) kandi haheze iminota mirongo ine y'urugendo rw'ivwatiri ubushuhe bwari bumaze kuja musi ya 0 kugeza ku rugero rwa 40 i Flagstaff. Ivyo biterwa n'itandukaniro ry'umuyaga wo ku misozi n'uwo mu bugaragwa. Ni ahantu heza ku barwaye asima.

5 Naragiye rero ku musozi Canyon, hanyuma nca ndawurira hejuru cane uko nshoboye. Kandi ndi aho, narabajije Umwami ico ivyo vyose vyasobanura. Nari nataye umutwe rwose kandi sinari nzi ico nokora.

Maze rero ndiko ndasenga, ikintu kidasanzwe gica kiraza. Ngomba kuvugisha ukuri. Birashika ko noba nari nsinziriye. Ndashobora kuba narajanywe muri mpwemu canke nkaba nariko nderekwa. Ahubwo niyumvira yuko kwari ukwerekwa. Nari nataritse amaboko, mvuga nti : « Mwami, uko kwasirana gusobanura iki, kandi abo bamarayika indwi bari batonze bameze nk'uko piramide yubatswe banteruye bankura kw'isi bagaca banjana mu Buseruko, bo ni bande? Ivyo vyose bisobanura iki?»

6 Nkiriko ndasenga, haciye haza ikintu, hari ikintu caciye kinkorokera mu kuboko (ndazi ko ivyo bishobora kubatangaza, nimwaba mudatahura ibintu vy'impwemu), ariko hari ikintu cankorokeye mu kuboko; nca ndaraba : yari inkota. Ikirindi cayo cari kigizwe n'ubuyeye bwiza cane ntari bwigere mbona. Ipfundo ry'ikirindi (murazi nk'uko ndavyibaza, ni ryo rikingira ibiganza mu ntambara y'abantu babiri) ryari iry'izahabu; kandi inkota ubwayo ntiyari ndende cane, ariko yari ikarishe nk'urwembe; yaraca ibibatsi nk'ifeza ikuweko inkamba. Cari ikintu ciza ntari bwigere mbona. Ndayifashe, naciye mbona ikwiranye n'ikiganza canje nyene. Nca ndibaza nti : « Mbega si nziza? » Narayitegereje nca ndiyumvira nti : « Jewe namye ntinya inkota kandi ndanezerejwe nuko ntabaye mu gihe bazikoresha kuko ni imbugita ari imbugita ndayitinya. Nca ndibaza nti : « Iyo noyikoresha iki none? »

Maze nkiyifashe mu kuboko, ijwi riza riturutse ahantu hamwe rica rimbarira riti : « Ni ya Nkota ya Wa Mwami! » Nuko ivyo nerekwa bica bigarukira aho.

7 Nariko ndibaza ico iryo jambo, ngo: « Ni inkota y'Umwami » risobanura! Maze ndibaza nti : « Iyo iryo jwi riba ryavuze ngo: “Ni inkota y'Umwami kanaka”,

kumbure nari gutahura, ariko ryari ryavuze ngo: “Ni inkota y'Umwami”.» Nkumbure nta burenganzira nari ndabifiseko, ariko naribajije nti : « Hariho Umwe gusa ari

Umwami : ni Imana. Kandi inkota yiwe irakarishe cane kurusha inkota iyo ari yo yose y'ubugi bubiri... Ngo : « ni mwaguma muri jewe amajambo yanje akaguma muri mwebwe... » Murabitahuye?

Naciye nibaza ku bantu babiri barwanisha inkota. Naho ntatahura uburyo na bumwe bw'abarwanisha inkota, uko ndabizi kwose, umwe wese agerageza gukubita inkota uwundi, kandi namba mu guheraheza, jewe n'uwo turwana duca dukomanya

tukazibirana, inkota yanje igaca irusha inkomezi inkota y'uwo turwana igerageza kunsogota mu mutima; ari na co na jewe nzi gukora. Ariko inkota zacu zirahura kandi uwushoboye kwegeza inyuma uwundi arashobora guca atumbereza neza inkota yiwe ku mutima w'uwo bariko bararwana. Ukwo ni nakwo bimeze no ku nkota y'Ijambo : Igikwiye ni ukubona ko kwuzuye ukwizera gukomeye kugira ngo kugumye umwansi kandi guce gushobora kumusogotesha iyo nkota yakwo mu mutima.

8 Ivyo bintu sinari ndabizi ariko nababwiye ivyo yampaye vyose kandi nkaba nshobora kubibabarira. Mbega Umwami wacu ntiyavuga ko ico yahawe na Data cose yari yakivuze ata na kimwe asize? Gurtyo rero, tugomba kubikora nk'uko bije. Nimwaba rero mugomba kwuzura ubwenge no gusenga, ndizigira ko mu gihe kiza muzotahura ibintu bimwe bimwe. Ndizigira ko muzohishurirwa ikintu.

9 Ubu rero twugurure Bibiliya zacu mu gice ca 5 c'Ivyahishuriwe Yohana. Ejo ku mugoroba tuzobona ica mbere kimatanije ca Gitabo. Bine vya mbere bimatanije ca Gitabo bitangurwa n'abagendera kw'ifarasi bane, umwe wese muri bo, muri ivyo Bimatanije ca Gitabo yagenda ateza isi ivyago. Ndibaza ko imisi ine ya mbere izohera n'ingoga koko, ariko hanyuma ica gatanu, ica gatandatu n'ikigira ndwi kimatanije ca Gitabo kizomera nk'igiteba cane. Ni co gituma nzobaha kumbure akanya gato ko kubaruhurira.

10 Twibaza kuzotangura igikorane isaha imwe imisi yose ku mugoroba muri ino yinga maze isaha imwe n'igice ikwiye ni ho nzoca nja imbere ahavugirwa ubutumwa. Sinzi neza isaha tuzoherezako kuko ntazi uwa mbere agendera kw'ifarasi uwo ari we. Sinzi ica kabiri, ica gatatu, ica kane, ica gatanu, ica gatandatu canke ic'indwi bimatanije ca Gitabo. Ubu ntavyo nzi. Jewe ni Yo nama mpanze amaso.

11 Tugerageze gutangura ino ndwi, ku bwo ubuntu bw'Imana n'imfashanyo yayo, nizera ko ni mwaba muntahura rwose... Murazi, mu vyo kwerekwa ntimushobora guhishura ibintu mutabanje kuvyemererwa. Ni kangahe mwanyumvise mvuga nti : « Murinjire mu nzu. Kumbure ko inkofero itegerezwa kuba irambitswe harya kuko uwo mwana arwaye atazokira imbere yuko vyose bishika nk'uko mwavyeretswe mw'iyerekwa. » Sinshobora kubibabwira, canke ngo jewe abe ari je ndambika inkofero hasi. Itegerezwa gushirwaho mu bundi buryo. Uwundi ategerezwa kuyifata akayihindurira ikibanza kandi vyose bimaze kuja mu buryo, ibintu birashobora guca bihishurwa. Ni co gituma mukwiye kuguma musenga.

12 Imbere yuko twugurura Igitabo, tubanze tuvugane na Yo twunamitse imitwe yacu. Mwami Yesu, nta co twishoboje na mba. Mwami, muri ino saha yera cane, mu gihe imitima irindiriye kumenya ico wayigeneye, ntidushaka na mba kwegera iki Gitabo cejejwe tutabanje kugusaba ngo Wa wundi wenyene ashobora guhishura iki Gitabo aze muri kano kanya ahezagire utwigoro tw'umusavyi wawe.
Uhezagire Ijambo uko rigenda rivugwa kwose. Rishobore kugenda riri mu bushobozi bwa Mpwemu Yera. Kandi utegure ikibanza co mu buryo bw'impwemu

mu bashonje no mu banyotewe kumenya ukugororoka n'ukugomba kw'Imana; rishobore kugwa mw'ivu ryiza kandi ryame nk'uko ubwoko bwaryo buri. Nubitange, Mwami! Icubahiro cose kizokugarukako! Abashonje n'abanyotewe baronke imfungurwa n'ico banywa mw'Ijambo ryawe kuri uno mugoroba. Turabigusavye mw'Izina rya Yesu ari na We uguhishurirwa guturukako. Amen!

13 Dufate igice ca 5 c'Ivyahishuriwe Yohana; aha si bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo. Ni Igihengeri kiri hagati y'Ibihe vy'Ishengero na bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo. Hariho igice ca 4 twahishuriwemwo ikintu kimwe kandi kikaba kizoba igihe Ishengero rizoba rimaze kuduzwa. Kuko Ishengero ridugirizwa ku gice ca 4 c'Ivyahishuriwe Yohana kandi ntiryongera kuboneka imbere y'Igice ca 19. Ni co gituma Ishengero ridaca muri vya vyago bihambaye. Ndazi ko ivyo bitandukanye n'ivyo abigisha nka bose twavuganye bambariye, ariko kudahuza na bo ntibiva ku kugomba kwanje. Nshaka kuba mwene So kandi ntegerezwa kwigisha neza na neza ivyo mbona. Ntabikoze, ivyo ntivyoba bigihuje, muratahura. Ishengero riduganwa imbere canke inyuma ya vya vyago bihambaye, ngomba kuzojana na ryo; ico ni co nyamukuru.

14 Gurtyo rero, turibaza gusa ingene ivyo bintu bizogenda, kuko kubera ntize, nkoresha ibigereranyo. Ndaraba nkabona ivyabaye mw'Isezerano rya Kera, iryo ni ikigereranyo canke igitutu c'Isezerano Risha; ukwo ni kwo nshobora kugira iciyumviro c'uko Isezerano Risha rimeze. Ni nkuko ukwinjira kwa Nowa mu bwato imbere yuko imibabaro itangura ari ikigereranyo kuri twebwe. Ariko n'imbere yuko Nowa yinjira mu bwato, Enoki we yaradugijwe imbere yuko hagira ikintu na kimwe gishika. Kandi Loti na we yakuwe i Sodomu imbere yuko ivyago bitangura, imbere yuko harimbuka. Ariko Aburahamu we yagumye ari hanze yavyo. Murabona: ni ikigereranyo.

15 Ubu tugira dusome imirongo mike ya mbere yo ku gice ca 5 :

« Mbona igitabo mu kuboko kw'i buryo kw'Ivyagiye kuri ya ntebe, canditse imbere n'inyuma, kidombagijeko udushashara ndwi, tukimatanije tudomyemw'ikimenyetso. Mbona umumarayika w'inkomezi nyinshi asemereza ijwi rirenga, ati Ni nde ibereye kw'azingurura kirya gitabo ngw'amene ibikimatanije? Ntihagira uwo mw'ijuru cank'uwo kw'isi cank'uw'i kuzimu ashobora kuzingurura ico gitabo canke kukiraba (Mbega Igitabo!). Nanje ndizwa cane n'uko hatabonetse ubereye kuzingurura ico gitabo canke kukiraba. (Mbega murabona ukuntu ata wubereye! Nta muntu n'umwe, w'ahantu na hamwe, yabonetse ko abereye kukiraba!). Umwe muri ba bakuru arambarira, ati Nta co urira; eh'Intambwe yo mu muryango wa Yuda, Umunago wo ku gishitsi ca Dawidi, yaranesheje, ngw'azingurure igitabo, amene ibikimatanije ndwi. Mbona hagati ya ya ntebe na vya binyabugingo bine no hagati ya ba bakuru, Umwagazi w'intama ahagaze, asa n'uwishwe, afise amahembe ndwi n'amaso ndwi, ni vyo Mpwemu ndwi z'Imana, zatumwe kwama zija mw'isi yose. Araza, agikura mu

kuboko kw'i buryo kw'Ivyagiye kuri ya ntebe ».Duhagarike gusoma Ivyahishuriwe Yohana 5: 1-7 akanya gato.

16 Ico Gitabo kimatanishijwe udushashara ndwi gihishurwa mu gihe c'imituragaro indwi yo mu Vyahishuriwe Yohana 10. Dufate noneho Ivyahishuriwe Yohana 10 mu kanya gato kugira ngo mubitahure imbere yuko twinjira muri kino cigwa. Turi kw'iherezo ry'ibihe kuko (nimwumvirize), ngo: « Mbona umumarayika wundi w'inkomezi, amanuka ava mw'ijuru, yambaye igicu, no mu mutwe yari yambaye umunywamazi... »

Nimumenye ko uwo ari Kristo, kuko We, mw'Isezerano rya Kera yitwa «Umumarayika w'Isezerano »; ubwo rero aba aje atumbereye ku Bayuda kuko ivyo Ishengero biba vyarangiye. Ni uko! « ... mu maso hiwe hasa n'izuba, amaguru yiwe asa n'inkingi z'umuriro ». Muribuka wa Mumarayika wo mu Vyahishuriwe Yohana 1? Ni co kimwe. Umumarayika ni intumwa, kandi uwo ni Intumwa kuri Isirayeli. Ishengero riba ryaraduze. Ubu... ahubwo riba rigira riduzwe. Aba aje kubw'ishengero ryiwe.

17 Ubu

rero nimwumvirize neza ibi : « Yar'afise mu minwe agatabo kazinguruye.»

Aha cari kizinze kandi kimatanishije ishashara, ariko aha ho cari kizinguruye; cari camaze kuzingururwa. Kuva igihe camatanishwa ishashara, - ari na vyo dushitseko kuri uyu mugoroba; ubu igitabo kiruguruye. Ako gatabo kari mu minwe yiwe, kari kuguruye. Izuba... nk'inkingi... nimurindire gato twongera tuhasome.

« …Yari afise mu minwe agatabo kazinguruye, ashinga ikirenge c'i buryo ku kiyaga, ic'i bumoso agishinga i musozi. Asemerera n'ijwi rirenga, nk'ukw'intambwe yivuga (turazi ko We ari intambwe yo mu muryango wa Yuda. Hariya ni Umwagazi w'intama; ariko hano ho ni Intambwe); asemereye, imituragaro ndwi ituragara amajwi yayo (Yohana yari yaronse uburenganzira bwo kwandika ico yabona cose, gurtyo rero iyo ntumwa akaba n'uwuvugishwa n'Imana yaciye afata ikaramu yiwe ngo yandike). Kand'imituragaro ndwi imaze kuvuga nariko ngira nandike. Numva ijwi rivuye mw'ijuru rimbarira, riti Matanisha ishashara udomemw'ikimenyetso ivyo imituragaro ndwi ivuze, ntuvyandike. (Ivyo ni vyo tutazi. Ivyo bitegerezwa gusubira guhishurwa; ivyo iyo mituragaro ndwi yavuze ntivyanditswe mu Vyanditswe vyera). Umumarayika nabonye ahagaze ku kiyaga n'i musozi; amanika ukuboko kw'iburyo, agutunga mw'ijuru (nimwumvirize neza ibi!), arahira Ibaho ibihe bitazoshira, yaremye ijuru n'ibirimwo, n'isi n'ibirimwo, n'ikiyaga n'ibirimwo, ati Ntibigitevye (nimuhabere maso! Ehe umurongo ngomba gushimikirako cane) ariko mu misi y'ijwi ry'umumarayika w'indwi, ah'azoba agira avuze inzamba, ni ho ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe, nk'uko yabariye abasavyi bayo ubutumwa bwiza, ni bo bavugishwa na Yo.''

18 Gurtyo rero, ibanga ry'Igitabo kimatanishijwe udushashara incuro indwi, rizohishurwa igihe ijwi ry'umumarayika w'igihe c'indwi c'Ishengero rizokwumvikana. Umumarayika w'indwi atanguye kuvuza inzamba none ehe

ubutumwa bwaranditswe buri aho, tubufise mu buryo bw'amabande n'udutabo.

Gurtyo, ubutumwa butanguye kuvugwa, ibanga ry'Imana ritegerezwa guca riherahezwa muri ico gihe nyene. Ariko nitumenye ko Igitabo c'Ibanga ry'Imana kidahishurwa imbere yuko ubutumwa bw'umumarayika w'indwi buvugwa. Gurtyo, ivyo bintu bizoba ari nkenerwa mu bimatanije Igitabo, ndabizi neza, kuko vyose, kugeza no ku gahimba gatoya, bitegerezwa gufatanirizwa hamwe. Vyanditswe mu buryo bw'ibanga kuko ata muntu n'umwe abizi, aho yoba ari hose, atari Imana yonyene, Yesu Kristo.

19 Ni Igitabo, Igitabo c'Ibanga. Ni Igitabo c'Ubucunguzi (turaja kubibona mu kanya). Turazi rero ko ico Gitabo c'Ubucunguzi kitazotahurwa cose, carasesanguwe mu bihe bitandatu vy'Ishengero vyagiye bikurikirana, ariko kw'iherezo, umumarayika w'indwi atanguye kumenyekanisha ibanga ryiwe, aca yegeraniriza hamwe ibintu vyose vyarekewe ku ruhande abo bantu bari barasesanguye n'amabanga amanuka ava ku Mana nk'Ijambo ry'Imana, kandi uwo ahishura uguhishura kw'Imana kwose. Aho rero ingorane ijanye n'ivy'ubumana n'iy'ibindi vyose ica itorerwa umuti. Amabanga yose, uruvyaro rw'inzoka n'ibindi vyose bitegerezwa guhishurwa.

20 Murabona, sindiko ndagerageza kuvyikurira mu mutwe; ni Niko Uhoraho Agize. Nabasomeye mu Gitabo ko kw'ijwi ry'ubutumwa bw'Umumarayika w'indwi, ibanga ry'Imana rizoba riherahejwe, nkuko yabibariye abera bayo ari bo bavugishwa na Yo (Abavugishwa na Yo banditse Ijambo). Igihe ubutumwa bw'igihe kigira ndwi c'Ishengero (ari naco ca nyuma) buzoba buriko buravugwa, ivyari vyarasezeranywe vyose hanyuma bigashirwa ku ruhande uko ivyo bihe vyose vyagiye birakurikirana, bizororanywa vyose hamwe. Kandi Ibimatanijwe ca Gitabo nivyamara kumenwa hanyuma ibanga rigahishurwa, aho rero ni ho Umumarayika azoca amanuka, Intumwa, Kristo, agashira ibirenge vyiwe kw'isi no ku kiyaga kandi afise umunywamazi ku mutwe. Gurtyo rero, nimwibuke ko uwo mumarayika w'indwi aba ari kw'isi mu gihe ivyo bintu bishika.

21 Igihe Yohana yariko aravuga ubutumwa bwiwe, muri ico gihe nyene Mesiya ni ho yaca aza. Yohana yari azi ko yamubonye kuko yategerezwa kumwerekana. Kandi turatahura neza mu Vyanditswe (Malaki 4) ko hategerezwa kubaho uwuvugishwa na Yo ameze nka Yohana, umuntu nka Eliya, uwo Ijambo ry'Imana rishobora kuzako; ategerezwa guhishura amabanga yose y'Imana akoreshejwe na Mpwemu Yera kandi akagarukana ukwizera kw'abana ku kwa ba se ari zo ntumwa, agasubizaho ayo mabanga yose yari yaraseranguwe muri iyo myaka yose y'amadini. Ni co Ijambo rivuga. Nzobazwa ico rivuga, muratahura? Ivyo biranditswe. Ni ukuri. Ni ko biri.

22 Turabona rero ko ico Gitabo kimatanishijwe ishashara incuro indwi ari ibanga ry'Ubucunguzi. Ni Igitabo c'ubucunguzi kiva ku Mana. Gurtyo rero, muri ico gihe amabanga yose azoherahezwa igihe iyo ntumwa izoba ivuze. Ehe rero umumarayika ari kw'isi, uwundi mumarayika na we, Intumwa y'inkomezi ica imanuka. Uwo mumarayika wa mbere yari umumarayika wo kw'isi, ni intumwa. Ariko nimurabe

rero uwundi mu Marayika aje amanuka ava mw'Ijuru afise umunywamazi, isezerano, murabona. Bishoboka ko ari Kristo, nk'uko nyene ameze mu Gice ca 1 c'Ivyahishuriwe Yohana aho ahagaze hagati y'ibiterekwako amatara indwi vy'izahabu, afise umunywamazi usa n'ibuye ry'akabuyenge kitwa yasipi n'akitwa sarudiyo.

23 Aha, agaruka ku gice ca 10 inyuma y'Ukuza kwiwe ari na ho amabanga yose ategerezwa guheraherezwa, aho Ibimatanije Igitabo bitegerezwa kumenwa kandi hakamenyeshwa ko bitagitevye. Kandi yaravuze ko ''mu misi y'ijwi ry'Umumarayika w'indwi, aho azoba agira avuze inzamba, ibanga ry'Imana na ryo rizoba riherahejwe.'' Kandi n'igihe cuko Umumarayika aseruka. Aho twoba turi hose, turegereje cane. Ni ukuri.

24 Nimumenye rero ubu ko bino ndwi bimatanije Igitabo birimwo ibanga ryaco; igihe cose tudashoboye kubona ivyadomweko ikimenyetso biri muri bino ndwi Bimatanije ca Gitabo, ico twokora kwoba ukugira ico tubivuzeko gusa. Kuko nkuko nabibabwiye muri kino gitondo mu butumwa bwanje bugufi, ngo « Imana yihisha mu biciye bugufi », ivyo bintu ntidushobora kubimenya, kiretse bihishuwe gusa, mu vyukuri, kandi bikemezwa na Mpwemu Yera. Murabitahura? Iyo uwuvugishwa na Yo ahagurutse akababarira iki canke kiriya hanyuma Imana nticemeze, aho rero ntimukavyitwararike kuko Imana, mu bivugwa vyose, mu bintu vyose, itegerezwa kwemeza kugira ngo bibe ivy'ukuri. Gurtyo, abana bayo bategerezwa kuhabera maso kuri ivyo bintu kandi bakama bagavye ntibagoheke.

25 Raba ko udushashara ndwi turi ku Gitabo ari two tukimatanije. Ico Gitabo kiramatanijwe rwose. Murabitahura? Ico Gitabo ni Igitabo kimatanishijwe ishashara rwose kugeza aho Ibikimatanije ndwi bizomenagurirwa. Kimatanishijwe udushashara indwi.

Ibi biratandukanye na ya mituragaro ndwi. Hariho ibimatanije indwi biri ku Gitabo kandi ivyo Bimatanije ntibizomatanurwa imbere yuko Ubutumwa bw'Umumarayika w'indwi buvugwa. Ni co gituma dupfa kwibaza ivyo ari vyo, ariko uguhishurwa kw'ukuri kw'Imana kuzotunganywa muri ukwo kuvugwa kw'Ukuri kuzoba kwemejwe. Ico ni co Ijambo rivuga koko. Amabanga azoherahezwa muri ico gihe. Ico gitabo kimatanijwe incuro indwi, muravyibuka, ku 9 gice ca 5 c'Ivyahishuriwe Yohana cari kizinzwe; none ku Gice ca 10 kiruguruye.

26 Ubu tugira turabe ico Ijambo rivuga ku kuntu cuguruwe. Ibikirimwo ntivyahishuwe imbere yuko wa Mwagazi w'Intama afata ico Gitabo, akamena ibikimatanije agaca acugurura. Umwagazi w'Intama ni We ategerezwa kwakira Igitabo : ni Iciwe. Nimwibuke ko ata muntu n'umwe wo mw'Ijuru, canke wo kw'isi, yaba papa, musenyeri mukuru, karidinari, umugenduzi mukuru canke uwo ari we wese yashoboye kumena ibimatanije ico gitabo, canke ngo agihishure; Umwagazi w'Intama wenyene ni We abishoboye. Kandi twari twaraseranguye, turabivuga uko

twiyumvira, twaratsitaye turatangara, ni co gituma turi mu madidane nk'aya mubona. Ariko turafise isezerano riva ku Mana ry'uko Igitabo c'Ubucunguzi kizokwuguruka neza cuguruwe n'Umwagazi kandi ko n'ibikimatanije bizomatanurwa na We mu misi ya nyuma, ari na yo misi turimwo ubu; ntibizomenyekana imbere yuko uwo Mwagazi w'Intama afata Igitabo akamena ibikimatanije. Kuko nimwibuke ko, ico Gitabo cari mu maboko y'Iyari Ivyagiye kuri ya Ntebe. Maze wa Mwagazi aca aregera Iyivyagiye kuri ya Ntebe yakira ico Gitabo agikura mu kuboko kwayo kw'i buryo. YAKIRA ico gitabo.

27 Oo, mbega ukuntu bikomeye! Tuzogerageza kubisobanura ni twabishobozwa n'imfashanyo ya Mpwemu Yera. Kuko ari We duhanga amaso. Kandi tuzoteba tubone ko ari ivy'igihe c'iherezo, mu gihe ata gihe kigisigaye. Nta dini na rimwe ryemerewe gusobanura ico Gitabo. Nta muntu n'umwe yemerewe kugisobanura. Umwagazi w'Intama ni We avuga Amajambo yaco, kandi Uwo Mwagazi w'Intama atuma Ijambo rimenyekana mu kuryemeza no mu kuriha Ubuzima. Ni ukuri! Murabibona? Uko ni ko bimeze nyene.

28 Nimumenye yuko ico Gitabo kitahishuwe imbere yuko Ibihe vy'Ishengero n'ibihe vy'amadini bihera kandi hakaba ata gihe kigisigaye. Ivyo murabibona? Bihishurwa gusa Ibihe vy'Ishengero n'ibihe vy'amadini bimaze kurengana vyose. Ni co gituma uno musi hariho amadidane nk'ayo. Baragenda bakarahura agahimba gatoya k'inyigisho bagaca birukira ku ruhande rumwe bavuga bati : « Insobanuro ng'iyi!» Uwundi akarahura ahandi iyindi nyigisho agaca yirukira ku rundi ruhande avuga ati : « Ico bisobanura ni iki! » Maze umwe wese agaca yubaka idini kuri ico, ku buryo hariho amadini amajana n'amajana. Ariko muri ivyo vyose mwama musangamwo amadidane. Abantu baribaza bati : « Ukuri ni ukuhe? » Ukwo none si ko bimeze ubu!

29 Ariko kandi yasezeranye ko igihe uwo mwanya uzoba ushize hazoca habaho kwumvikana kw'ijwi ry'umumarayika w'indwi kandi muri ico gihe nyene, ico Gitabo kizoca gihishurwa. Yamara rero ntihagire uwuvuga ngo : « Abo bantu bo muri ico gihe ca mbere ntibakijijwe. » Ariko hariho amabanga batashobora gutahura : Mbega Imana yoshobora kubamwo zitatu gute kandi ari Imwe rudende? Ivyanditswe vyoshobora kuvuga gute ngo : « ... mubabatiza mw'izina rya Data wa twese, n'iry'Umwana n'irya Mpwemu Yera » hanyuma bikongera kwisubirako bigahindura, bivuga biti : « ...umuntu wese muri mwebge abatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo »?

Murabibona? N'ibindi bintu vyinshi. Mbega Eva yari gushobora gutuma isi itikira gute ngo n'uko yariye ipome? Ivyo vyoshoboka gute? Ariko turafise isezerano ry'uko ayo mabanga yohishuwe mu gihe c'iherezo. Abo bahizi ku rugamba bose nka Ireneyo, Maritino, Polycarpe, Luteri, Wesileyi n'abandi benshi basize utuntu twinshi ku ruhande; baraje kandi bamaze gusa igihe co kuzana umuco kanaka no kuwumurikisha, ariko ibintu vyinshi babisize mu mwiza. Hanyuma hakurikiye abo

mu gihe ca Pentekote, bagumye ku gace nabo nyene nk'uko vyabaye no ku Baluteriyano. Ntimuvuge ko batari mu kuri : bari bari muri kwo, ariko haguma hariho ibintu basize bitashobora gusobanurwa. Kubera iki? N'uko ibimatanijwe bitari bwamenwe kugira ngo bihishure rwose ivyo bintu ivyo ari vyo.

30 Ariko mu gihe ca nyuma, ayo mabanga yose ategerezwa kuronkerwa inyishu kandi agashikirizwa bose. Ibimatanije ca Gitabo bitegerezwa kwugururwa n'Umwagazi w'intama kandi bigahishurirwa Ishengero, maze aho rero nta gihe kizoba kigisigaye. Murabona ukuntu ari vyiza cane? Aho ni ho rero ico Gitabo kiba ari Igitabo c'Ubucunguzi. Hanyuma tuzobandanya maze tubone n'ivyerekeye bamwe ibihumbi 144, n'ibindi. Abo ni Abayuda.

31 Dusome gato mu Banyefeso 1 : 13-14. Ndabona ko abenshi muri mwebwe bariko baravyandika kandi bakandika n'aho babisanga muri Bibiliya zabo. Ni vyiza cane, ndashimishwa no kubabona muriko murabigira kugira ngo mushobore gusubiramwo gusoma iyo mirongo i muhira. Muvyiyigishije muzobitahura neza cane; muvyige kandi musabe Imana ibafashe gutahura. Dusome rero : « Muri We namwe mumaze kwumva ijambo ry'ukuri, ni ryo butumwa bwiza bw'agakiza kanyu, mumaze no kumwizera, ni ho mwashiriwekw'ikimenyetso, ni co Mpwemu Yera yasezeranywe, ni we ngwati y'umwandu tuzohabwa, kugira ngw'abo Imana yaronse ibacungure, ngw'ubwiza bwayo bushimwe. »

32 Mu gihe Ivyanditswe vyera bicuguruye, murabona aho ko Mpwemu Yera ubwiwe ari ikimenyetso. Mpwemu Yera ni Ikimenyetso. Ikimenyetso ni iki? Ni igikorwa giherahejwe. Mpwemu Yera akaba ari we ari ikimenyetso ku muntu. Kandi kuri uwo, iyo aronse Mpwemu Yera, igihe c'amarira n'amaborogo kiba kirangiye kuko aba ari igikorwa giherahejwe.

33 Nari menyereye gukorera ishirahamwe rijejwe inzira y'indarayi no gupakira amabido n'ibintu biva mw'ihinguriro ry'ivyo mu makopo mu kimodoka citwa ma galiyamoshi. Ariko imbere yuko iyo galiyamoshi ishirwako ikimenyetso, umugenduzi yaca abanza kuza kuraba ko yapakiwe neza; bitabaye uko, gitanguye kwiceka, ibidandazwa vyaca bitobagurika, bigasanzara, maze bikononekara, kandi iryo shirahamwe rijejwe ivy'iyo nzira y'indarayi ni ryo ryobibazwa. Uwo mugenduzi rero yabanza kumenya neza ko ikintu cose kiri mu kibanza caco nk'uko vyategerezwa kumera. Atari uko bimeze yaca avuga ko vyapakiwe nabi, bigaca biba ngombwa ko bisubira gupakirwa kugeza uwo mugenduzi abishimye. Aho rero agaca yugara umuryango agatako agashirako ikimenyetso co kurumya, kandi nta muntu n'umwe yashobora kukimena kugeza iyo galiyamoshi igeze aho yategerezwa gushika.

34 Ico ni na co Mpwemu Yera akora. Aragenda, akagenzura... Igituma mudashobora kuronka ivyo bintu, nuko muvuga muti : «Navuze mu ndimi, navugije akamo, natambiye muri Mpwemu!» Ivyo nta na hamwe bihuriye! Mpwemu Yera aragenzura uwo muntu kugeza ashimye rwose akamenya ko yiteguye. Aho rero

aca amushirako ikimenyetso kizomushikana mu Guhoraho. Nta kindi kintu na kimwe kiba kigishoboye kumena ico kimenyetso.

Bibiliya mu Banyefeso 4 : 30, ivuga iti : «Kandi ntimukababaze Mpwemu Yera w'Imana, yabashiriweko kuba ikimenyetso, gushitsa ku musi wo gucungurwa.» Nimushire ku muzirikanyi iri jambo : '' gucungurwa''. Kugeza ku musi Igitabo co Gucungura kizohishurirwa maze Umucunguzi agaca aza gutora abiwe. Nta kindi kintu na kimwe coshobora kubikora. Ntimukamubabaze! Nimukore ibinezereza Imana kuko ico Gitabo kiradomweko ikimenyetso kandi namwe muradomweko ikimenyetso. Mpwemu Yera wenyene ni We Kimenyetso.

35 Turavye uko kazinduzi ivuga, ikidomweko ikimenyetso kiba ari igikorwa caherahejwe. Ikigira indwi kimatanije ca Gitabo kimenwe, ibanga ry'Imana ridommweko ikimenyetso muri ivyo bimatanije ca Gitabo vy'akabanga riba riherahejwe kugeza umusi bizokwugururirwako; aho rero ibiri imbere muri co bica bihishurwa.

Hagize umuntu abaza ikiri muri galiyamoshi ico ari co, mwishura muti : «Hategerezwa kuba...» Muca mubivuga uko muvyiyumvira. Ariko iyo ca kimenyetso kimenwe maze urugi rukugururwa muca mubona imbere, muca mubona neza ibiri imbere. Murabitahura? Ariko ivyo bizoshika mu gihe c'iherezo gusa.

36 Ikimatanishijwe ishashara kikadomwako ikimenyetso, hari ikindi kintu gisobanura : ni inyegu. Ikimatanijwe kiba gifise ikimenyetso cerekana nyene itunga. Mu gihe mwaguzwe Amaraso ya Yesu Kristo mugatako mugashirwako ikimenyetso na Mpwemu Yera, muba mutakiri ab'isi canke ab'ikindi kintu na kimwe co kw'isi. Muba muri inyegu y'Imana.

Hariho ikindi kintu kandi : Ico Kimenyetso ni asiranse. Ikimenyetso gisobanura ko muba mwarihiwe asiranse ihoraho, nimumenye ko ikimenyetso gisobanura ngo: Umutekano, kuba warishinzwe kugeza mw'ishikiro. Azobona ibara uwuzogerageza kumena ico kimenyetso! Kandi ikimenyetso ca Mpwemu Yera ntigishobora kumenwa. Ntimurigera mwumva abantu babiganirako bavuga ngo : «Umurwanizi yatumye nkora ibi»? Oya, oya, si Umurwanizi! Ahubwo ni uko muba mutari imbere ngo mushirweko ikimenyetso; kuko iyo mwashiriweko ikimenyetso imbere, kiba cashizweko we ari inyuma.

37 Ni mwebwe muba mwasohotse mukaja gusanga umurwanizi hanze. Ntiyari gushobora kwinjira kuko inzira imwe rudende yoshoboye gucamwo kugira ngo yinjire muri mwebwe, ni imwe mwacamwo mwebwe ubwanyu. Na we yotegerejwe gukizwa, akezwa kandi akuzura Mpwemu Yera; aho naho yociye aba mwene So. Ariko murabona ko ata vyo yakoze, oh, oya! Ni mwebwe mwegereye urubibe mu kugaruka kwifuza ibintu vy'iyi si. Ntimwigeze mwinjira rwose i Kanani, hakurya ya Yorodani, ari kwo gupfa kuri mwebwe nyene.

38 Ubu nimumenye ibi : Ico Gitabo kidomweko ikimenyetso, kandi namwe

mudomweko ikimenyetso hamwe na Co kugeza ku musi wo Gucungurwa. Twongere dusome Abaroma 8 : 22-23. Iki gisomwa ni co kiza kutubera intangamarara. Kandi ndibaza ko tuja kugerageza gutahuza neza kurushiriza umuntu wese yisomeye we nyene. Muri uno mwanya, ndabereka imirongo imwe imwe yo mu Vyanditswe mwoshobora kurabirako. «Kuko tuzi yukw'ivyaremwe vyose binihira hamwe bikaramukirwa hamwe kugeza n'ubu : kandi si co gusa, ariko natwe abafise umushuzo wa Mpwemu, natwe nyene tunihira mu mitima yacu, twiteze gucika abana b'Imana, ni kwo gucungurwa kw'imibiri yacu».

39 Oo, bene Data! Mbega ntibitunezera twebwe abatama cane cane? Kurindira ico gihe vyategerezwa kutunezereza. Turatahura yuko ivyo bizoba mu gihe co kuzuka kwa mbere. Murabona, ivyaremwe biraniha; turaniha, ibintu vyose biraniha kuko tuzi neza ko hari ikintu kitagenda neza. Kandi ikintu kimwe gituma mushobora kuniha no kurindira : ni uko hariho ubuzima bushasha bwinjiye muri mwebwe, buvuga ivy'iyindi si nsha.

40 Nta gihe kihaciye jewe n'umugore wanje tugiye kw'isoko nkuru maze tukabona ikintu gitangaje : yari umugore yari yambaye ikanzu; vyari bitangaje cane! Benshi muri bo nta makanzu bambara. Mu buryo bumwe baranjanjwa, bakibagira kwambara ikanzu iyo basohotse (bavyiyibagiza ibigirankana!) .

Maze rero Meda yaciye ambarira ati : «Billy, ivyo biterwa n'iki?» Nca ndishura nti : «Oo, ni impwemu y'igihugu!» Mu Budagi bafise impwemu yabo. Muri Finlande bafise impwemu y'igihugu cabo kavukire. Muri Amerika na ho nyene turafise impwemu y'igihugu cacu. Impwemu y'igihugu cacu ni iyo gutwenza, kujajura. Murazi igituma? Twari twubatse ku rufatiro rw'intumwa. Twubatswe ku rufatiro rw'abantu bakomakomeye nka Washington na Lincolon, yamara twaratαye urwo rufatiro kandi turazi ikiturindiriye ico ari co. Turazi ko hariho ikibombe ruhonyanganda bibi canditsweko izina ryacu. Turazi ko ubuja buturindiriye. Ntimwihende.

41 Ivyo bituma nibaza kuri bamwe batwenza abantu, bakavuga amajambo yabo atwenza mabi, n'abagore n'abagabo bose bigenza mu buryo butari ubw'urupfasoni. Ivyo binyibutsa ka gahungu kaca mu mva karengana kavuza uruhwa, kariko karagerageza kwiyemeza ko ata bwoba gafise. Yamara ubwoba kabufise! Ntawo kohenda kuko ni bwo bugatuma kagenda karavuza uruhwa. Kagerageza kwerekana ko ata bwoba gafise ariko kabufise!

Ico ni co kitagenda neza uno musi. Ariko mbega ivyizigiro bihezagiye biri ku wizera atarika amaboko yiwe, kuko Ugucungurwa kwiwe kwegereje iyo abonye ivyo bintu biriko birashika. Ni igihe ciza cane ku wizera!

42 Imibiri yacu iraniha. Mbega ntimurigera mubona ingene igiti kirwana kugira ngo kibeho. Gishaka kubaho. Muramaze kubona ukuntu igikoko kigira gipfe kinigana? Ni na kwo bimeze ku muntu no ku kindi kintu cose. Ivyaremwe biraniha. Turanihira mu

mitima yacu. Turazi ko hari ikintu kanaka kitari co. Kandi kubw'iyi mirongo turabona ko hariho ikintu catakaye, haba ku ruhande rw'umuntu canke rw'isi. Ivyaremwe vyose hari ico vyatakaje, kuko dukurikije iryo jambo ryahumetswe na Mpwemu turabona ko iyo miniho ifise igituma iriho. Ntimunihishwa n'ubusa. Nkuko nabivuze ku vyerekeye irangi, hariho igituma.

43 Ni na kwo bimeze no ku vyo gusengera abarwaye mu gihe muba mutamenye icatumye iyo ndwara iza. Ndazi umuti ariko ntegerezwa kumenya icateye iyo ndwara. Ni co gituma kwerekwa bikenewe cane kandi ni co gituma kwasezeranijwe. Guhishura amabanga yo mu mutima; kukereka umuntu aho yakosheje n'ico ategerezwa gukora. Naho mwofata imiti ingana gute, amavuta mubasuka ku mitwe yabo ukwo yoba angana kwose canke ukwo bosemerera bariko barabasengera kwose ntaco bimaze, ni haba hariho ikintu c'ikosa, azogumaho. Iyo mvuga nti : ''azo...'', ni Satani mba mvuze.

Uno musi, naho duteye imbere cane mu vy'ubuvuzi, ivyo bintu nta vyo turamenya. Muravuga muti : « Arwaye kanseri». Emwe, ivyo nta co bivuze na kimwe, ivyo nta co bikora atari kuvuga gusa izina ry'indwara; iyo ni imvugo y'ikiganga ngo : Kanseri. Iryo Zina nta ho rihuriye n'indwara. Bakoresha iryo zina mu kuyivuga; tuyita gusa izina rya ''kanseri''. Ariko ico isobanura vyukuri nimucihweze: ni idayimoni.

44 Ukwo ni ko tuvuga ''icaha''; tucita icaha gusa; ariko reka tucihweze. Icaha ni iki? Abantu benshi baravuga bati : «Ni ukunywa, gusambana, n'ibindi.» Oya! Ivyo, ni ibikorwa vyanduruka ku caha, ariko icaha ubwaco ni ''ukutizera''. Uko ni ko citwa, kigashirwa ku mugaragaro uko. Namba muri abizera, ivyo bintu nta vyo mukora. Naho mwogerageza kwigira abera canke mukagerageza kwigira abasenga gute; ariko mukoze ivyo bintu ntimuba mwizera. Ivyo ni Ivyanditswe.

45 Hariho ikintu rero catakaye, ni co gituma hariho iminihiro. Ivyo bintu biriko biragerageza kugaruka ahantu havyo h'inkomoko. Nimwiyumvire ku muntu aguye mu rwobo rurerure akirwanira, akifadikiza, akiduza... Birakwiye ko yovayo ivyo ari vyo vyose! Ntaba ari mu kibanza ciwe c'inkomoko kandi aca aguma akoma induru n'ingoga na n'ingoga, aca yifadikiza ku bihome, agakoma induru, akanigana, akaniha kuko agomba gusubira aho yahora.

46 Ni na ko bimeze iyo umuntu yatewe n'indwara, imibabaro, n'imiruho (hambere aho si uko vyari biri), aca aniha rero. Kubera iki? Ntaba ari ahantu heza, haba hari ikintu kitagenda neza maze agaca aniha, agerageza kuza aho yahora igihe yari agifise amagara meza. Kandi ivyaremwe hamwe n'abantu iyo binihira hamwe, nkuko Bibiliya ibivuga, vyerekana ko hariho ikintu cabikuye aho vyahora havyo. Hari aho vyavuye biragwa.

47 Ntidukeneye ko hogira umuntu uwo ari we wese yobidusobanurira. Kuko turazi ata nkeka ko abantu bavuye ku Bugingo buhoraho bakagwa, maze bakaba baciye

babura uburenganzira bwabo bari bafise ku Bugingo buhoraho kubwo kugwa kwa Adamu na Eva, bavuye ku Bugingo buhoraho bakagwa mu rupfu mw'itongo rya Edeni, baca bikwegera mu rupfu bo n'ivyaremwe vyose.

Nta na rimwe igiti cigeze gipfa Adamu atarabaho. Nta gikoko na kimwe cari gupfa imbere yuko Adamu abaho. Hariho ikintu kimwe gusa kidashobora gupfa, ni Imana kuko ari Yo ihoraho. Ubwo ni bwo buryo bwonyene dufise bwotuma dukingirwa urupfu: dutegerezwa kugira Ubugingo budashira muri twebwe kugira ngo tube abahungu n'abakobwa b'Imana. Ariko nkuko nabivuze mu Butumwa bwo muri kino gitondo, twarapfuye igihe twemera icaha, tugaheba uburenganzira bwacu bwo kuba samuragwa maze tugaca tujabuka rwa rwobo. Ubu turi kure yaho Imana yotwakira, hakurya y'urwobo.

48 Koko igihe Adamu yagwa mu caha yaciye azanira urupfu ivyaremwe vyose. Yari yabihawe nk'uko nyene na twebwe twabishikirijwe kugira ngo ashobore kwihitiramwo.

Ubwa mbere na mbere hari hariho igiti kimenyekanisha iciza n'ikibi imbere ya Adamu na Eva, kandi ico giti nyene cashizwe imbere y'umwe umwe muri twebwe. Raba, Imana ntiyashiriyeho Adamu na Eva...Mwovuga muti : «Ni ikosa ryabo». Oya, ubu si ko bimeze: ni ikosa ryanyu. Ntimushobora gushira ikosa kuri Adamu ubu, mutegerewa kuryishirako mwebwe nyene kuko ''iciza n'ikibi'' vyashizwe imbere yanyu. Turi ku rufatiro rumwe n'urwa Adamu na Eva.

49 Ariko nitwaba twaracunguwe ntitugishaka ko twihitiramwo, dushaka ko Yo ihitamwo. Bashatse kumenya ubwenge ubwo ari bwo. Barabaririkije maze ivyo bica bibazanira urupfu.

50 Iyo umuntu yacunguwe ntaba acitwararika ivy'ubuhanga, ntaba acitwararika ivy'isi, ubwenge bw'isi: ntaba agishaka guhitamwo na mba. Kristo ni We yahisemwo, kandi nta kindi; aba yaracunguwe. Ntaba agishaka gusa kuba ari we yirongora. Ntaba agikeneye ko hababaho umuntu n'umwe uwo ari we wese yomubarira aho aja n'ico yokora. Arindira kubona ico Umuremyi wiwe yahisemwo; hanyuma agaca agenda mw'Izina ry'Umuremyi wiwe yamubariye kugenda.

Ariko umuntu ashaka ubwenge agomba kubaririkiza. Ati : «Iyi paruwasi ni nziza cane, ariko harya ni ho bampa vyinshi : aho rero ni ho nzoja!» Murabona ubwenge!

51 Adamu yacumuye kubwo gutega ugutwi ivyiyumviro vy'umugore wiwe, aho guhagarara kw'Ijambo ry'Imana. Ico ni co catumye Adamu acumura. Umugore wiwe yagiye inama na Satani, hanyuma aca azanira Adamu icavuyemwo na we aca ava kw'Ijambo ry'Imana araryiyambura. Amaze kubura imigenderanire y'urukundo

akabura uburenganzira bwiwe bwo guhabwa Ubugingo, yaciye abura n'umuragi wiwe. Nimwibuke ibi, ngo : «Umusi uzokiryako, uzopfa».

Kandi amaze kubura Ubugingo, yaciye abura n'umuragi wiwe mu Bugingo, kuko yari yarahawe ububasha bukwiye kandi burengeye kw'isi. Yari imana

y'isi. Imana ni Imana y'ibintu vyose, ni Imana ikwiye hose. Ariko uwo mwana wayo yari afise ububasha ku butegetsi bwiwe gusa. Yarashobora kuvuga, akita ibintu amazina, yarashobora gutegeka, yarashobora guhagarika ibimukikije; yarashobora gukora ico ashatse cose. Ariko amaze gutakaza Ubugingo bwiwe, yaciye atakaza umugabane wiwe.

Gurtyo rero, Adamu yarashobora kuvuga ati : «Uyu musozi ni wimuke uje harya!» Kandi vyaca biba. Adamu yari gushobora kuvuga ati : «Iki giti ni kiranduke giterwe harya». Vyaca biba. Murabona, kuko yari afise ububasha bukwiye kandi burengeye kuko yari imana ntoya musi y'Imana Data wa twese, kuko uwo yari umwana w'Imana.

52 Ubu, mbega ntitwohagararira aha maze tukamara akanya gato turaba ubutumwa bwacu nyakuri? Kuko namba ico gihe, amaraso yarogeje Adamu kandi akamusubiza uko yari ari, uno musi ho bimeze gute? Nimurabe ico Umwana w'Imana, ari We Adamu wa kabiri yakoze. Yavuze ati : « Ibikorwa nkora namwe muzobikora.» Adamu yaciye atakaza umugabane wiwe, ari wo si. Ica imuva mu maboko ija mu maboko y'uwo yari yayigurishijeko, ari we Satani. Yari yagurishije ukwizera kwiwe yizera Imana agukaba n'ivyiyumviro vya Satani. Kubw'ivyo Ubugingo bwiwe buhoraho, uburenganzira yari afise kuri ca Giti c'Ubugingo, uburenganzira yari afise kuri ino si yari isanzwe ari iyiwe, ivyo vyose yaciye abirekurira mu maboko ya Satani. Yaciye abikura mu biganza vyiwe abishira mu vya Satani. Kubw'ivyo, ibiri kw'isi vyose vyaciye bibora birononekara; maze imbuto ya Adamu yaciye isenyura umugabane Adamu yobwirijwe kuronka, ni ukuvuga isi. Ni ukuri! Murabibona! Imbuto ya Adamu.

53 Umusi umwe i Tucson aho mba, nariko ndavugana n'umuntu umwe turi ku gatwe k'umusozi. Turiko turaraba mu kiyaya, ndavuga nti : ''Ico ucibaza ko iki? Haciye imyaka amajana atatu, mu gihe ba ba papago bo hambere bashika hariya bari ku mukogote hamwe n'abagore n'abana, baciye bashika ahantu hamwe barahacumbika bahaba amahoro. Nta busambanyi bwariho canke za wisiki canke imikino, nta na kimwe cari muri bo; bari babayeho batanduye. Ibikoko vyitwa koyote [''amakoyote'' ni ibikoko biba muri Amerika biri mu bwoko bw'amabingira-U] vyama bimanuka uko bwije bigendera ku nkombe y'amasumo y'uruzi bigenda biramokera aha hasigaye hitwa Tucson uno musi; ku nkombe naho ibiti vyitwa mesikite n'ibihahe vyari bishuritse kandi Yehova aravye ivyo vyose yategerezwa kumwenyura. Ariko umuzungu ashitse yakoze iki? Yaciye arandura ivyo bihahe, yaranduje igihugu akoresheje amakarato ya biyeri na za wisiki; yaciye yonona indero y'igihugu. Uburyo bumwe yari afise bwo gushobora kwikura ku gakanu umuhindi n'ingoga na n'ingoga bwabaye ubwo guhonya ivyo yarya : ''imbogo''.

54 Umusi umwe ndi aho babika utugenegene tw'ubushakashatsi muri Tombstone nabonye amashusho ya Jeronimo. Abenshi bo muri mwebwe boshobora kwiyumvira

ko Jeronimo yari umuhemu; kuri jewe ahubwo yari Umunyamerika w'ukuri yarwana gusa arwanira ikintu c'ukuri kuko Imana yari yamuhaye igihugu, ihanga, ahantu ho kuba. Sindamugaya kubera ivyo yakoze. Kuko abo basoda b'abazungu baje hano baciye bafata igihugu bakoresheje igitugu, maze baraheza babica nk'isazi. Aho harimwo amashusho y'ukuntu ibitaro vya Jeronimo vyari bimeze : hari ibirengeti bibiri canke bitatu vyanikiye ku gisaka ca vya biti vyitwa mesikite; abo bakomeretse bari Abanyamerika nyakuri, abahindi baniganira uburenganzira bahawe n'Imana. Jeronimo yari areze umwana, araba abarwanyi biwe, abakomeretse bariko baravirirana kandi bari ku mpfiro; nta peneseline yari afise canke ubundi buryo bwo kubavura; yamara bari Abanyamerika nyakuri, bari bashizwe aho n'Imana. Jeronimo, yoba umuhemu? Jewe, na we nyene ndamwita umushingantahe w'ukuri!

55 Cochise ntiyari kwigera yishikana. Yari umutama. Ariko ingabo za Amerika zaraje (Bo bari bambaye neza) baca bica imbogo. Baciye bategura imigwi y'uruhigi (Sharpe aca akora inkoho yo kwica imbogo) maze bakavuga bati: «Oh, uno musi wambereye mwiza (bazirasa bari mu mavwatiri), nishe mirongo ine». Imbogo mirongo ine zari gutunga umuryango w'Abahindi imyaka ibiri canke irenga. Bazikoresha iki? Baca bazita ahantu h'ubugaragwa! Umunuko w'iyo mivyimba ugaca ukwira intara yose maze umunuko ugaca ukwira igihugu; imbwebwe zikaba ari zo zironkera ico zirya!

56 Iyo Abahindi baba bishe imbogo baca bagira umusi mukuru wo gusenga. Barafata ibinono bakabikoramwo imibehe. Bararya inyama zayo, n'ibisogi na vyo nyene. Baca bafata inyama zayo zose bakazitara zikuma. Urusato rwayo rwaranikirwa hanyuma bakarukoramwo impuzu n'amahema; nta na kimwe catabwa. Ariko umuzungu yaraje. Umuhemu, uwo muzungu! Ni we ari mubi. Yaraje, yica izo mbogo aca ateza inzara abo Bahindi. Umuntu wese akomeye neza yogwanira uburenganzira yahawe n'Imana. Ico bakoreye abahindi bo muri Amerika ni agatosi kw'ibendera y'Abanyamerika. Naho vyabaye uko, ico gihugu cari icabo!

Mwovuga gute mubonye Ubuyapani canke Uburusiya buje ngaha bukatubarira buti : «Nimuve hano! Nimugende!» Twe n'abana bacu bakatugirira nk'uko twagiriye abo Bahindi? Nimwibuke ko twabivye, none ubu tugiye kwimbura. Ni icagezwe c'Imana, murabizi. Hariho igihe co kubiba n'igihe co kwimbura. Ndibaza ko bibabaje kubona ko ivyo bimeze uko. Ni ko biri koko.

57 Icashitse ni igiki? Uruvyaro rwononekaye rwa Adamu rwarononye kandi rutako rurasambura igihugu. Murazi ko Bibiliya ari yo ibivuga? Kandi kuko urwo rubuto rwa Adamu rwononekaye rwakoze ivyo, Imana izorurandura. Murashaka kugira ico mubisomyeko? Navyanditse hano. Fate Ivyahishuriwe Yohana 11 : 18 maze turabe ico Imana ivuga ku bahonya isi.

'' Kand'amahanga araraka, uburake bgawe buraza (ubu nimurabe uburake bw'Imana), igihe co guciramw'amateka abapfuye kirashika, n'ico kugereramw'abasavyi bawe, ni bo

bavugishwa na we, no kugerera abera n'abubaha Izina ryawe, aboroshe n'abahambaye, n'ico guhonerezamw'abahonya isi''.

58 Bazokora iki? Bazokwimbura ico babivye! Ni vyo koko. Iyo mubonye icaha cirukanga mu mabarabara...muri rino joro ryo ku w'iyinga haja kuba ubusambanyi bungana gute muri kino gisagara? Abagore bahava baca kubiri n'amasezerano yabo yo kwubakana ni bangahe muri kano gafuruka k'isi k'i Yeferisonivile? Mwibaza ko i Chicago hakororwa inda zingahe mu kwezi kumwe? Kumbure ni hagati y'ibihumbi na 30 ku kwezi, izitavuzwe zitarimwo? Mu gisagara ca Chicago bahanywera za Wisiki zingana gute? Mwibaza ko mw'ijoro rimwe hashobora kubera ibiki muri Los Angeles? Izina ry'Umwami kuri uno musi ryavugiwe ubusa ibihetangabo bingahe mu gisagara ca Yeferisonivile? Mbega ubu niho igihe ari ciza cane canke ari ciza cane hamwe George Rogers Clark yashika aje mu mazi ari ku ngegene?

Murabona, twaramaze kwonona isi rwose kubera imyanda n'ubuhumane vyacu, kandi Imana na Yo izohonya abahonya isi. Ni Yo yabivuze. Muri jewe hama harimwo ico cifuzo co kuja mu misozi kugira ngo ndimbure ukuntu Imana yaroranije ivyo bintu.

59 Ndanka harya hantu muri Floride hari vya bigazi vyose bitari ivy'inkomoko. Nopfuma mbona ingona iriko irazungagiza umurizo, iri mw'ishamba cimeza aho kubona ivyo bidambikanyo vyose n'ibikorerwa i Hollywood vyose, ivyo vyose bisayangana inyuma, iyo mirwi y'imborewa...Oh, ndibaza ko umusi umwe, ego umusi umwe...

60 Ariko nimwibuke ko Bibiliya ku Gice ca 5 ca Matayo itubarira iti: ''Hahirwa abatekereza kukw'ari bo bazoragwa isi'', ni ukuri. Abatekereza n'abaciye bugufi bazoragwa isi. Yesu yaravuga ati: ''Hahirwa abatekereza (abantu baciye bugufi batarondera kuba abahambaye), kukw'ari bo bazoragwa isi'' Yesu ni we yabivuze. Ego.

Barononye isi none Imana na Yo izobahonya, ariko abatekereza bo, bazoragwa isi imaze kwezwa.

61 Oh! Bene Data, urwandiko rw'uburenganzira rwa nyene itunga rwari rwaranyazwe ubu ruri mu minwe ya Nyene ryo ari Yo ryandurukako, Imana ishobora vyose. Igihe Adamu yarunyagwa, amaboko yanduye ya Satani ntiyashoboye guca yakira urwandiko rwerekana kw'isi ari iyiwe n'Ubugingo budashira, gurtyo rero rwaciye rusubira kuri nyeneyo w'inkomoko, ari we Mana ubwayo. Turaja kubibona mu kanya gato, aho tuja kubona Imana yicaye ku Ntebe y'Ubwami, ifise urwo rwandiko mu minwe yarwo! Oh, ivyo bituma nca nuzuramwo uguhimbaza.

Urwandiko rwa nyene Ubugingo buhoraho, icete c'urwandiko rwa Nyene Ubugingo budashira! Igihe Adamu yagwa kubera yahisemwo ubwenge aho guhitamwo ukwizera, urwo rwandiko rwaciye rusubira mu minwe ya Nyene itunga, Imana

ishobora vyose. Mbega ikintu gihambaye! Ni uko. Ruriko rukora iki? Rurarindiriye. Ruri mu minwe y'Imana, rurindiriye ko

ahamagarwa ngo acungurwe. Yaciye itegura uburyo bwo gucungura. Yateguye inzira yo kugaruka, kandi umusi umwe, Umucunguzi azosubira yakire urwo rwandiko. Murabona ico dushitseko ubu? Tugira twihweze uwo muntu yicaye ku Ntebe y'Ubwami. Neza.

62 Rurarindiriye ko ahamagarwa ngo acungurwe. Ni ugucungurwa. Ico gitabo c'ubucunguzi, urwo rwandiko rwerekana nyene itunga, ico cete c'urwandiko rwerekana nyene itunga ni iki? Iryo jambo''icete'' ni iki? Ico gisobanura ko barondeye urwo rwandiko rwerekana nyene itunga bahereye iyo rwakomotse. Nk'uko ka kama k'irangi ko muri kino gitondo iyo kakorokeye mu muti ukura amarabaga. Kandi n'icaha iyo camaze kwaturwa maze kigakorokera mu maraso ya Yesu Kristo (oh, bene Data!) bica bitanga icete c'urwandiko rw'uburenganziraa bwo kugaruka utumbereye ku Muremyi maze ugaca uba umwana w'Imana. Ico cete c'urwandiko rwa Nyene itunga ruri mu maboko y'Ishobora vyose. Oo, bagenzi!

63 Ubucunguzi busobanurwa ngo : kwegukira ivyari vyaratakajwe na Adamu na Eva bikaronkwa mu buryo buciye mu mategeko. Ivyo bifitaniye isano ki n'umukristo yavutse ubwa kabiri? Kwegukira biciye mu mategeko icete c'urwandiko rwa Nyene ubugingo buhoraho bisobanura ko muba mufise ivyo Adamu na Eva bari baratakaje vyose. Ivyo muvyibazako iki, ga bene Data? Ni ukwegukira urwo rwandiko.

Adamu ntiyari gushobora gukwiza ivyasabwa kugira ngo habeho ugucungura. Yaciye amenya ko yatakaje urwandiko; yari yacumuye aca aritandukanya ubwiwe n'Imana kandi yari ari kuri runo ruhande rundi rw'urwobo; ni co gituma Adamu atari gushobora kubikora. Ntiyari kubishobora kuko nawe nyene ubwiwe yari akeneye gucungurwa. Ntiyari gushobora kubikora.

64 Ariko itegeko ryasaba ko habaho

Umuvyeyi Mucunguzi. Ivyo muzobisanga mu Balewi 25, muzobona umucunguzi wo hafi ico ari co. Nta mwanya dufise wo kwinjira muri vyo cane kuko igisomwa cose conyene codutwara umugoroba ukwiye.

Itegeko ry'Imana ryaciye ryemera igisubirizi. Vyari kugenda gute iyo Imana itemera kwakira igisubirizi? Ariko urukundo rwayo rwayigobereye kubikora. Umuntu yari kure kandi nta buryo na bumwe yari afise bwo kugaruka. Yari yarazimiye ariko ubuntu bw'Imana bwaciye buronka uwo Mucunguzi wo hafi mw'ishusho y'umuntu ya Yesu Kristo. Ivyagezwe ni ko vyavuga : Ubuntu bwari bukwije ivyasabwa. “Oo, Ubuntu butangaje, mbega ukuntu ari ijwi ryiza...!“

65 Ivyagezwe n'Imana vyasaba ko habaho igisubirizi kitagira icaha, none uwutagira icaha yari nde? Umuntu wese yari yavutse biciye ku gitsina. Uwo ari we wese. Kandi umwe gusa atari yabayeho biciye ku gitsina yari yatakaje uburenganzira yari afise ku

Bugingo buhoraho n'ubwo umwana aganza isi. Oh, ese iyo nibajije kuri uyu murongo, ngo: «Kuko waducunguye ngo tube ab'Imana kandi tuzoganza, tuzoba abami n'abaherezi kw'isi»! Mbega Umucunguzi w'igitangaza! Oh, mbega inkuru nziza twoshobora kuvuga!

Ivyagezwe vyasaba ko hobaho Umuvyeyi mucunguzi ashobora gucungura ivyari vyaratakaye. Ubuntu bwaciye bukwiza ibisabwa muri Yesu Kristo. Hategerezwa kuvuka Umuvyeyi wa hafi mu bwoko bw'umuntu.

66 None ivyo vyari gushobora kuba gute, ko umuntu wese yavutse yategerezwa kuvyarwa n'umugore? Uwudashobora kubona ko aho habaye uguhuza ibitsina ni impumyi ikwiye kuko umuntu wese yaje mw'isi yavyawe n'umugore! Kandi Imana na Yo yasaba ko habaho Umuvyeyi wa hafi mu buryo bw'umucunguzi na we akaba yategerezwa kuba umuntu. Oh, bene Data! Mwari kugira gute? Ivyagezwe vyasaba ko habaho Umuvyeyi Mucunguzi.

Ntiyari gufata umumarayika kuko yategerezwa kuba umuntu; twebwe twamuka kuri umwe. Abamarayika bo, ntibigeze bagwa. Ni ibiremwa biremwe ukundi. Bafise imibiri itandukanye n'iyi. Ntibigeze bakora icaha, batandukanye natwe. Ariko icagezwe casaba ko habaho Umuvyeyi Mucunguzi. Yamara umuntu wese ari kw'isi yavyawe biciye mu buryo bwo guhuza ibitsina.

Ntimubona aho icaha cavuye? Aho ni ho catanguriye. Murabonye rero aho ivyo biherereye? Aho ni ho uruvyaro rw'inzoka rwatanguriye.

67 Nimumenye ibi: vyasaba ko habaho Umuvyeyi Mucunguzi; kandi uwo mucunguzi, umuvyeyi Mucunguzi ategerezwa kuvuka ku kiremwa muntu. Aha ni ho duhagarariye! Ariko nimundeke ndabavugirize inzamba: Ukuvuka ku nkumi ni kwo kwatumye habaho ivyari vyarasabwe Amen! Ukuvuka ku nkumi ni kwo kwatumye habaho Umuvyeyi Mucunguzi wacu na we si uwundi atari Imana ishobora vyose yabaye Imanweli. Imanweli yabaye Umuvyeyi Mucunguzi. Murabona ukuntu Imana yubahiriza ivyo isaba n'ukuntu ata kintu na kimwe twoshobora kwikorera twenyene. Ariko ubuntu buca buhaseruka, maze icagezwe kigaca gitwikirwa n'igitutu cabwo bugaca bwama imbuto. Amen!

68 Oo! Mbega igihe tuzoba turi iyo mw'ijuru i muhira! Ngo : « Aho nzoronkera akazu kanje iyo mw'ijuru! » nkuko mwene Data Neville ahora ayiririmba; aho mwese muzokwumvira iyi ndirimbo, hariya, ngo : «Ubuntu butangaje! Bwakijije umutindi nka jewe! Mbega ukuntu ijwi ryayo ari ryiza!» Muzovuga muti : «Imana ihimbazwe, mwene Data Branham yashitseyo. Ni yo ari, murabona!»

Ego! Ngo « Ubuntu ni bwo bwigishije umutima wanje kwubaha Imana; ubuntu ni bwo bwamaze ubwoba, mbega ukuntu ubwo buntu bw'Igiciro kinini bwanshitseko kuri ya saha natangura kwizererako!» Turaja kubishikako mu kanya gato. Oo, bagenzi.

69 Igitabo ca Rusi kiratwereka ishusho y'ivyo bintu uko imeze; ukuntu Elimeleki na Nawomi, ivyabo vyari vyarabahezeko. (Mwese ndibaza ko mwanyumvise ndiko

ndavyigishako? Aboba baravyumvise ndiko ndavyigisha nibatarike ukuboko; ni uko! Aho rero muratahura). Vyari bikwiye ko Bowazi aba umucunguzi; ni We wenyene yari ashoboye kubikora; yategerezwa kuba umuvyeyi, umuvyeyi wo hafi, kandi acunguye Nawomi yaciye aronka na Rusi. Uko niko Yesu yari ari. Bowazi yari ikigereranyo ca Kristo; igihe Kristo yacungura Isirayeli, yaciye aronka Umugeni wo mu mahanga, murabona? Oh, mbega ukuntu ari vyiza! Ivyo turabifise kw'ikaseti, ndabizi neza, ni mwaba mushaka kwumva ivyo bintu.

70 Hategerezwa rero kubaho umuvyeyi; umumarayika ntiyari gushobora kubikora canke umuntu. Yategerezwa kuba umuntu ariko ntiyategerezwa kuvuka ku mugore biciye mu buryo bwo guhuza ibitsina. Ni co gituma habayeho ukuvyarwa n'inkumi, Mpwemu Yera yari yatwikirije igitutu ciwe Mariya. Kubw'ivyo rero Yesu ntiyari Umuyuda; Yesu ntiyari umuntu yavuye mu mahanga; Yesu yari Imana, koko. Amaraso yiwe ntiyavuye ku guhuza ibitsina : yari amaraso y'Imana yaremwe mu kwezwa. Ntitwakijijwe n'amaraso y'Umuyuda, nk'uko nyene tutakijijwe n'amaraso y'umunyamahanga. Twakijijwe n'Amaraso y'Imana. Ivyo birahuje na Bibiliya; ni na yo ibivuga.

71 Gurtyo rero murabona ko Yesu yari Imana. Ntiyari umuperesona agira gatatu, agira kane canke agira kabiri; yari Wa Wundi nyene. Yari Imana, murabona? Yari Imana Imanweli. Imana yaramanutse iva mu Bwiza bwayo ica irihishura. Ndakunda iyi nkuru ya Booth Clibborn,iyi ndirimbo ikomeye kandi nziza, ngo :

Yavuye mu Bwiza bwiwe, iyo nkuru iracari nzima.

Imana ari Yo Mukiza, yaraje. Yesu ni rya Zina ryayo.

Yavukiye mu bwato bwuhira, yari Kavantara mu gihugu ciwe,

Yari umunyamibabaro, amenyereye amarira n'intimba.

Mbega ukuntu yatugabiye! Yatuzaniye gucungurwa. Mu mwiza mwinshi wo mw'ijoro, igihe ata n'ivyizigiro na bikeya vyari bikiriho.

Imana yacu yuzuye ubuntu n'igishika c'urukundo, yashize ku ruhande ugukayangana kwayo, Yitayeho amarushwa yacu ikiza ubugingo bwanje.

Mbega ukuntu ndamukunda! Mbega ingene ndamuhimbaza!

Ni We bugingo bwanje, umushwarara wanje w'izuba ni vyose muri vyose kuri jewe.

Uwo muremyi wanje akomeye ni We yahindutse Umukiza wanje.

Kandi ukunengesera kwose kw'Imana kuba muri We.

Uwo ni We yari akwijije ivyasabwa.

72 Ubuntu bwazanye Yesu Kristo bwite! Imana yarasanzuruye ihema ryayo. Yaje ava ku Mana kugira ngo abe umuntu. Yahinduye inkomoko y'Ubushobozi bwiwe bwose kugira ngo abe umuntu, kugira ngo yambare ishusho y'umuntu, kugira ngo aze ashobore gupfa, kugira ngo acungure umuntu. Nimurindire kugeza aho tuzobibonera, tukabona ko ata wundi muntu n'umwe abereye.

73 Neza cane. Muri Bibiliya (mu Gitabo ca Rusi, nk'uko mwabisomye) hariho umuntu yitwa umu ''goweli''. Umu goweli yari umuntu yaba ashobora gukwiza ibisabwa. Uwo yategerezwa kuba ashoboye kubikora, yategerezwa kwemera kubikora, yategerezwa kuba umuvyeyi, umuvyeyi wa hafi kugira ngo ashobore kubikora. Kandi Imana na Yo, Umuremyi w'impwemu, yabaye Umuvyeyi wacu ca gihe yahinduka umuntu kugira ngo ashobore kwikorera ivyaha vyacu, abirihire ace aducungura kugira ngo adusubize ku Mana.

Ni ivyo. Uwo ni We Mucunguzi. Ubu rero Kristo yaraducunguye. Ubu twaracunguwe ariko ntarakomoza itunga ryiwe. Murashobora kuba mutavyemera, ariko nimurindire umunota umwe maze murabe.

74 Ntararikomoza. Igihe yakira ico Gitabo c'Ubucunguzi, ivyo Adamu yari afise vyose akaba yari yarabitakaje, Kristo yarabigarukanye kuri We kubwo gucungura. Yaramaze kuducungura rero ariko ntaratwegukira. Ntiyobishobora imbere yuko igihe cashinzwe gishika; ni ho hazoca haza izuka; isi izosubira kuba nsha maze azoca ayegukira, azokwegukira itunga yaronse igihe yaducungura. Ariko azobikora mu gihe cashinzwe. Oo, bene Data!

Ivyo ni ko bivugwa muri ca Gitabo kidombagijeko udushashara ndwi tukimatanije, ari na co tugira tuvugeko ubu. Vyose biragaragara muri ico Gitabo c'Ubucunguzi. Ivyo Kristo azokora vyose kw'iherezo tuzobihishurirwa muri ino yinga muri ibi ndwi bimatanije ca Gitabo, Imana niyaba igomba kubiduha. Ni uko.

75 Kandi bizohishurwa igihe bimwe bimatanije ca Gitabo bizoba vyamenaguwe kandi tuzoca tubimenyeshwa. Ubwo rero tuzoshobora kubona uwo mugambi ukomeye cane w'ubucunguzi uwo ari wo, n'igihe bo n'ukuntu uzoshitswa. Vyose binyegejwe muri ico Gitabo c'amabanga. Imana yarakimatanishije udushashara indwi. Wa Mwagazi w'Intama ni We wenyene ashobora kubimena. Ubu rero namba mugomba kuraba mu Vyanditswe, murashobora kwugurura muri Yeremiya maze muraheza mubone ko mu gihe cuko baja mu buja yaciye agura itongo ry'umuhungu wa se wabo aca adoma ikimenyetso ku rwandiko rw'uko ari rwiwe mu buryo nk'ubwo nyene. Ivyo twaranabibonye muri vya bihe ndwi vy'Ishengero.

Murabona, ikimatanishijwe ishashara mw'Isezerano rya Kera cari kimeze nk'umuzingo, nk'uku. Ryaba ari ibanga, kandi iryo banga ryaba rihishijwe. Ryari ryugajwe ishashara ridomweko ikimenyetso kiriko izina ry'umuntu yaba afise uburenganzira bwo kucishuza.

76 Hanyuma ibanga rikurikira ryari rizingiye kuri uwo mugabane maze aho niho ishashara rikimatanije ryaca riseruka ryanditsweko izina ry'uwari afise uburenganzira bwo kuwishuza. Kandi uko ni ko vyabandanya bimera kugeza bibaye umuzingo kuko muri ico gihe abantu nta bitabo bari bafise bimeze nk'ibi vyacu : bo bandika ku mizingo. Ni bangahe muri mwebwe bazi ko ico citwa umuzingo? Mu gitabo

kimatanishije ishashara kikadomwako ikimenyetso barashobora naho biri uko kuzingurura umuzingo umwe rimwe na rimwe kugira ngo barabe iryo banga iryo ari ryo. Hanyuma bagaca bagarura uwukurikira maze bagaca bashobora kubona ico baba bariko barakomoza; hanyuma baca bongera kwugurura uwundi umwe bagaca babona icavugwamwo.

77 Ikintu cose aha kiri muri ibi ndwi bimatanije ca Gitabo. Amabanga y'Imana yose uhereye ku kuremwa kw'isi aho ni ho amatanirijwe kandi ahishurwa n'ibi ndwi bitandukanye bimatanije ca Gitabo; gurtyo, Imana ibigomvye, tuzokwugurura ivyo Bimatanije ca Gitabo maze tuzoce turaba ico Gitabo uhereye ku ntango yaco ukageza kw'iherezo maze tuzoca tubona ivyerekeye ivyo bikimatanije. Ndizigira ko tuzogira ibihe vyiza.

Ibanga ry'ubucunguzi rimatanishijwe ishashara, kandi iki gitabo ntigishobora kwugururwa imbere yuko ubutumwa bw'umumarayika wa nyuma buvugwa. Umuzingo w'Igitabo wari uri aho, twari tuzi ko wari uriho. Twari tuzi ko kwari ugucungurwa. Turizera ko kwari ugucungurwa.

78 Yeremiya yaravuga ati: «Uyu muzingo utegerezwa kubikwa mu rwavya rw'ibumba». Murabibona? Oh, mbega icigwa ciza noshobora kuvugako mu gihe ciza. Uwo muzingo wari ubitswe mu rwavya rw'ibumba, urwavya rwahindutse umubiri igihe kimwe (Imana Ihabwe Icubahiro!), rurapfa, rurazuka. Wabitswe mu rwavya rw'ibumba kugeza igihe co gucungura gishitse. Oh, bene Data! Ni vyiza cane! Ubu butumwa bwose bwabitswe mu rwavya rw'ibumba kugeza mu gihe cashinzwe n'Imana igihe intumwa ya nyuma yo kw'isi izozira. Abo bantu bose baravyiyumviriyeko baravuga bati: «Ndazi ko igihe gishitse; ndizera ko igihe gishitse». Kandi ivyo barabirwaniye; baravyerekanye kandi barabikoze; kandi baravyizeye. Ariko ubu ivyo tugiye kuzobihabwa biciye mu guhishurirwa kandi vyemezwe n'Ikiganza c'Imana. Imana yarabivuze. Yarabisezeranye.

79 Ubu rero turabe aho tugeze. Dusome ku Gice ca 5, umurongo wa 2. Twamaze umwanya muremure ku murongo wa 1, ariko reka dufate umurongo wa 2; ntuza kudutwara igihe kingana nk'ico.

«Mbona umumalayika w'inkomezi nyinshi asemerera n'ijwi rirenga, ati Ni nde bibereye kw'azingurura kirya Gitabo ngo amene ibikimatanije?»

Twongere dusome rimwe umurongo wa 1 kugira ngo vyose tubishire hamwe: " Mbona Igitabo mu kuboko kw'i buryo kw'Ivyagiye kuri ya Ntebe,..." Imana, ni nde? Ni uwamye ari Nyene Igitabo c'Ubugingo uhereye kera. Imana ni Yo igifise. Igihe Adamu yatakaza uburenganzira yari afise kuri ico Gitabo, caciye gisubira kuri Nyeneco w'Inkomoko. Ni iciwe. Kandi Yohana mu kwerekwa kwiwe yaritegereje maze ati: «Mbona Igitabo mu kuboko kw'i buryo kw'Ivyagiye kuri ya ntebe canditswe imbere n'inyuma, kidombagijek'udushashara ndwi.»

80 Nitwamena ivyo Bimatanije ca Gitabo, muzosanga dusubiye mu Vyanditswe kugeza no kw'itanguriro. Kuko vyose uko biri hamwe, ibanga ryose riri aha muri

ibi Bimatanije ca Gitabo. Ibanga ryose ryo muri Bibiliya riri muri ibi

Bimatanije ca Gitabo, kandi Ibikimatanije na vyo ntibishobora kumenwa imbere yuko ico gihe gishika. Ndabibereka mu munota umwe.

81 Nimumenye ibi rero. Nimwibuke ko ico Gitabo kimatanishije udushashara tudomweko ikimenyetso. Ng'iki n'ikikimatanije; hanyuma ikindi kizingiwe ku ca mbere kidomweko ikimenyetso kikimatanije, hanyuma ikindi, bikaguma bikurikirana uko. Ni igitabo c'ubucunguzi. Vyose hamwe bigize Igitabo kidomweko ikimenyetso kimatanishijwe udushashara indwi. Hanyuma Ibikimatanije biri inyuma ku Gitabo kuko kizinzwe bwa muzingo. Ibanga ryadomweko ikimenyetso riri imbere. Nk'akarorero, rivuga uwugendera kw'ifarasi yera, uwugendera kw'ifarasi yirabura n'abandi n'abandi. Hariho kandi n'ibindi biri inyuma y'igitabo. Ariko ibanga ry'Igitabo ryose riri muri ivyo Bimatanishijwe udushashara, uhereye mw'itanguriro ukageza mu Vyahishuriwe Yohana. Umugambi wose wo Gucungurwa wahishuwe muri ivyo ndwi bimatanije Igitabo. Oh, ni igihe gihambaye! Imana idufashe dushobore kubitahura.

82 Ku murongo wa 2, umumarayika w'inkomezi yasemereye n'ijwi rirenga ati : ''Ni nde abereye?'' Abereye iki? Ngo ''Ni nde abereye kwakira ico Gitabo?'' Ico Gitabo ubu kiri he? Kiri mu maboko ya Nyene Co w'inkomoko kuko umwana, umwana wa mbere w'Imana wo mu bwoko bw'umuntu, yari yatakaje uburenganzira ku mugabane wiwe. Kandi igihe yatakaza uwo mugabane biturutse ku kwumviriza Satani, yaciye aheba... Yokoze iki? Yemeye ubwenge bwa Satani aho kwemera Ijambo ry'Imana.

83 Twoshobora guhagararira aha akanya gato? Birashoboka ko abana b'Imana barondera inyigisho yavuye mw'iseminari kuri ivyo bintu aho kurondera Ijambo ry'Imana. Ico ni co Adamu yakoze aca abura umugabane wiwe; kandi amaze kubikora, ico Gitabo caciye gisubira ku Wari yaragihoranye ubwa mbere na mbere. Ntimushobora kubona aho ivyo bihe vyagiye? Vyaciye bisubira ubwo nyene ku Wari yarabihoranye ubwa mbere na mbere. Kandi Yohana ari muri Mpwemu yari ahagaze mw'Ijuru (yari ahejeje kuduzwa ibihe vy'Ishengero birangiye)...Yari yabonye Ibihe vy'Ishengero, hanyuma aca aduganwa mw'ijuru, ku Gice ca 4. Imana yaciye ivuga iti : «Duga uze hano, nkwereke ibigiye kuzobaho hanyuma y'ivyo».

84 Yaciye abona Uwicaye kuri ya Ntebe afise ico Gitabo mu kuboko kw'i buryo. Ivyo nimuvyibazeko. Muri ico Gitabo harimwo urwandiko rwerekana uwufise uburenganzira bwo gucungura. Cari kidombagijeko udushashara ndwi. Maze rero umumarayika, Umumarayika w'inkomezi aregera, asemerera n'ijwi ry'inkomezi ati : «Ni nde abereye kuzingurura iki Gitabo, kwakira Igitabo; ni nde ashoboye kuzingurura ibikimatanije, ni nde ashoboye kuzingurura iki gitabo?» Murabibona? Uwo mumarayika yarabibajije; Yohana yarabona igihe uwo mumarayika yavuga ati : «Ni nde abereye? » Oh, kumbure ko niyumvamwo gusa kw'ivyo ari uko vyagenze. Ng'ico Igitabo c'Ubucunguzi. Ng'uwo umugambi w'Ubucunguzi. Ng'ubwo uburyo bumwe gusa buriho mushobora gucungurirwamwo kuko iki ni urwandiko rwerekana

uwufise uburenganzira bwo gucungura ijuru n'isi yose uko bingana. Uwo mumarayika yari gushobora kuvuga ati : «Niyegere niyaba abishaka! Navuge ubu nyene canke ntaze yigere avuga na rimwe! Niyegere kugira ngo asabe ico Gitabo. Ni nde abereye kubikora? » Yohana avuga ko ata muntu n'umwe wo mw'Ijuru yabonetse

ko abereye; ko ata muntu n'umwe w'i kuzimu, yabayeho akaba yarapfuye, yabonetse ko abereye; nta muntu n'umwe yabonetse ko abereye.

85 Umuhamagaro w'uwo mumarayika wari wateguriwe kugaragaza Umuvyeyi Mucunguzi. Imana yaravuze iti: «Narashizeho icagezwe c'uko Umuvyeyi Mucunguzi ashobora kuba igisubirizi. » Uwo Muvyeyi Mucunguzi ari he? Ni nde ashoboye kwakira ico Gitabo?

Nta n'umwe yabonetse uhereye kuri Adamu kugeza ku ntumwa no ku bavugishwa n'Imana, canke uwo ari we wese. Ivyo bisobanura iki? Ivyo bisobanura ko ata muntu n'umwe kw'isi, ata n'umwe yabonetse mu babayeho. Eliya ni ho yari ahagaze, nk'uko Mose n'intumwa zose ari ho zari ziri. Abari barapfuye bose, abera bose, Yobu n'abanyabwenge. Bose ni ho bari bari, ni ho bari bahagaze, yamara nta n'umwe yabonetse abereye no kuraba ico Gitabo, kugira ngo abe yocakira amene Ibikimatanije.

None rero papa n'abamufasha bose bari hehe? Ba Musenyeri bakuru bari hehe? Ico twokwirata kiri hehe? Turi ubusa gusa! Uko ni kwo kuri!

86 Yaciye asaba ko umuvyeyi Mucunguzi yegera, niyaba abishoboye. Ariko namba Yohana avuga ati: «Nta muntu n'umwe yari abereye», si uko hatariho ababereye, nk'umumarayika dufashe nk'akarorero, umwe Gabuliyeli canke Mikaheli, ariko nimwibuke ko yategerezwa kuba umuvyeyi. Yohana yavuze ati: «Nta MUNTU n'umwe». Nta mumarayika, nta n'umuserafi : ntibari baracumuye ariko bari bari mu murongo w'ibindi vyaremwe; ntibari bwigere bagwa. Yategerezwa kuba umuvyeyi, Umuvyeyi Mucuguzi ariko nta muntu n'umwe yari ariho kuko muri bo nta n'umwe yari yaracunguwe. Nta muntu n'umwe yari abereye kuraba ico Gitabo. Oh, oya, bene Data!

87 Hari hakwiye umufise ico apfana n'umuntu; yarabaririkijwe ariko nta na hamwe yigeze aboneka. Nta muntu n'umwe yari ahari. Nta musenyeri n'umwe, nta musenyeri n'umwe mukuru, nta mupatiri n'umwe, nta wo ku rwego na rumwe, nta n'umwe yari afise ubweranda bukwiye bwari gutuma yoraba gusa ico Gitabo. Ivyo birakomeye rwose, ariko ico ni co Bibiliya ivuga. Jewe ndiko ndadondagura gusa ivyoYohana yavuze.

88 Bibiliya ivuga ko Yohana yaciye arira. Hariho abantu bigishije ibi: narumvise umuntu igihe kimwe yigisha avuga ngo: namba Yohana yararize, ni uko we nyene atari abonetse ko abereye! Oh, umuntu asizwe amavuta ya Mpwemu Yera yokwibaza ukundi! Kubwo uguhumekerwako n'Imana, twomenya ko atari ivyo.

89 Ariko Yohana yararize. Kandi ndibaza ko yarijijwe n'uko namba ata muntu

n'umwe yari abereye kandi ashobora kuzingurura ico Gitabo c'Ubucunguzi, ivyaremwe vyose vyabayeho vyari ivyo guhona. Ico ni icagezwe bwite c'Imana kandi ntishobora kurenga icagezwe yishingiye ubwayo.

Imana yasaba ko habaho Umuvyeyi Mucunguzi abereye ashoboye kubikora, afise ubushobozi bwo kubikora. Uwo mumarayika yaravuze ati: «Uwo Muvyeyi

Mucunguzi rero niyegere! »

Yohana yaritegereje, ararondera kw'isi, i kuzimu; nta muntu n'umwe yari ariyo. Ivyaremwe be n'ibintu vyose vyari ivyo kurimbuka. Birumvikana ko Yohana yategerezwa kurira : kuko vyose vyari ivyo kurimbuka!

Amarira yiwe yamaze akanya gato kuko umwe muri ba bakuru yaciye ahaguruka aravuga ati: «Nta co urira, Yohana». Oh, bene Data, amarira yiwe yamaze akanya gato!

Yohana yaciye yibaza ati : «Uwo muntu ari he? Ehe abavugishwa n'Imana bose bavutse nk'uko navutse; hariho n'abanyabwenge; oh, nta wundi yoba ahari none? »

90 Ngo: «Nkeneye umuntu ashoboye kubikora, nkeneye umuntu ashoboye gucungura» ariko ntiyabonetse. Maze rero Yohana aca yuzura amarira: vyose vyari bigiye kurimbuka. Aca ararira amarira yomwica. Yari afise agahinda kuko vyose (ivyaremwe vyose), vyose vyari ivyo kurimbuka iyo haramuka hatabonetse n'umwe. Imana ihabwe icubahiro! Iyo haramuka hatabonetse n'umwe akwije ivyasabwa, ikiremwa-muntu cose, isi yose n'ivyaremwe vyose uko bingana vyari bibaye ivyo kurimbuka. Vyose vyari vyaraguye: uburenganzira ku mugabane wo gucungurwa, uburenganzira ku mugabane w'Ubugingo Buhoraho, Umuco; ubwo burenganzira bwose bwari bwaravuyeho kandi nta muntu n'umwe yari ashoboye gutanga ikiguzi bikwiranye.

91 Yohana yaciye atangura kurira kuko ata muntu n'umwe yabonye abibereye kandi akaba ata n'umwe yari anashoboye no kuraba ico Gitabo. Yamara vyari bikwiye ko habaho ikiremwa-muntu kibereye! Yohana yaciye atangura kurira kuko ata n'umwe yari ashoboye kubikora, kandi vyose bikaba vyari ivyo kurimbuka.

Ni ho haciye humvikana ijwi ry'umwe muri ba bakuru yari ahagaze hagati ya vya binyabugingo bine n'ingabo zose nyinshi zo mw'ijuru, rivuga riti: « Ntaco urira, Yohana (oh, bene Data, ubwo ni ubuntu bw'Imana!), ntuhagarike umutima, Yohana. Nturire kuko Intambwe yo mu muryango wa Yuda, Umunago wo ku gishitsi ca Dawidi yaranesheje». Kunesha bisobanura kurwana ugatako ugatsinda.

Mw'itongo ry'i Getsemane, hamwe ibitonyanga vy'amaraso vyatonyanga bikoroka biva mu maso hiwe, yaciye anesha. Intambwe akaba n'Igishitsi ca Dawidi yari yanesheje; yari yatsinze.

92 Yakoze nka Yakobo, ya ntonyotsi, hamwe yahwana na wa Mumarayika, yarashikamye. Umumarayika yarageragejе kumwigobotora ariko Yakobo aravuga ati: « Sindakurekura ng'ugende». Yarashikamye kugeza aronse ico yifuza maze izina

ryiwe rica rirahinduka ntiyaba acitwa intonyotsi, kuko iryo risobanurwa ngo umubeshi aca yitwa nde? Aca yitwa Uwuganzanya n'Imana,risobanurwa ngo Isirayeli. Yaranesheje.

93 Intambwe yo mu muryango wa Yuda yaranesheje. Wa mukuru yavuze ati: «Nta co urira, Yohana, kuko Intambwe yo mu muryango wa Yuda, Igishitsi ca Dawidi, yaranesheje; yaramaze gutsinda, Yarabikoze, vyararangiye,Yohana! » Oh, bene Data! Yazanye umuti uzimanganya amarabaga usubiza icaha mu minwe yanduye y'umwe yanduza umuntu akoresheje ubwenge bwiwe. Ego!

94 Ariko igihe Yohana yahindukira ngo arabe, yaciye abona Umwagazi w'Intama. Mbega itandukaniro riri hagati y'Umwagazi w'Intama n'Intambwe! Yari yavuze ati: «Intambwe yaranesheje». Murabona, aha noshobora kuvuga ko Imana yari yihishije mu kwicisha bugufi. Yari yavuze iti: «Uwo ni intambwe» (ni umwami w'ibikoko). Intambwe yaranesheje. Intambwe ni co kintu kiriho gikomeye kurusha ibindi vyose. Narigeze kurara mu kibira co muri Afrika ndumva ijwi rirengera ry'imisumbaremba n'ukuroha kw'inzovu yasatuye kandi ikomeye izungagiza umutonzi wayo. Narumvise ibikoko vyo mu bugaragwa biroha ku buryo vyabahagarika amaraso, kandi n'udukoko tw'amababa... Jewe na Billy Paul twari turi mu karuri gasakajwe ivyatsi. Ni ho twaja twumva intambwe iroha : ibintu vyose vyaciye bija mu gacerere, na twa dukoko tw'amababa twaciye duceceka. Umwami yari avuze. Oh, bene Data!

Ndabibabariye, aho ni ho rero amadini bo n'ugukekeranya bizokwikubita hasi. Iyo umwami avuze vyose bica biceceka. Kandi na We ni Umwami. Ni Ijambo ryayo.

95 Uwo mukuru yaravuze ati : «Yohana ntuhagarike umutima, nta co urira, ntiwirushe, Yohana! Nakuzanye aha ngo werekwe. Hari ikintu ngira nkwereke. Ndazi ko vyaguteye agahinda kuko wamenye ko ata kintu na kimwe gishobora gucungurwa, vyose ari ivyo kurimbuka. Nta wundi yari ashoboye gukwiza ivyasabwa kiretse Intambwe yo mu Muryango wa Yuda. Murazi ko ikimenyetso c'ibendera ry'umuryango wa Yuda ari intambwe. Twavyerekanye ku kibaho. Nimwibuke intambwe, ikimasa, umutwe w'umuntu, inkukuma n'abo baserafi vyariko biracungera iri Jambo mu gihe Mariko, Matayo, Luka na Yohana bose bari bahagaraye bakikuje ico Gitabu c'Ivyakozwe.

96 Narumvise umuntu umwe, umuvugabutumwa akomeye, avuga ati: «Igitabo c'Ivyakozwe n'Intumwa ni igikwa.» Ni ryo shami rya mbere ribaho Ishengero Ryera ryoba ryarigeze kuronka! Ni ivy'ukuri. Kandi riramutse rimeze ko irindi, ritegerezwa na ryo nyene kuba muri ubwo bwoko nyene. Cane nyene! Murafise iminago y'ibiti vy'ivyomekerano vyama indimu, kandi vyari kwama imicungwe; ariko bishitse ico giti kikongera kumera iminago yaco bwite, izoba isa neza na neza n'igiti cayo ca mbere.

Kandi ubutumwa bwiza bwa Matayo, bwa Mariko, bwa Luka n'ubwa Yohana

buri ngaho, burareretse. Ubwenge bw'umuntu, ubushobozi bw'intambwe, ubutame bw'ikimasa n'ubunyarutsi bw'inkukuma. Ego, Ubutumwa bwiza ni ho bwari buri. Nimwibuke ca gihe twabivugako : hari muri vya Bihe ndwi vy'Ishengero.

97 Yavuze ati: «Intambwe yo mu muryango wa Yuda». Kubera iki ari uwa Yuda. Ngo : «Icumu ry'ubugabe ntirizova kuri Yuda, Inkoni yo kuganza ntizova hagati y'ibirenge vyiwe, nyene vyo ataraza. » (Itanguriro 49 :10); azoza aciye muri Yuda. Kandi Intambwe, ikimenyetso c'umuryango wa Yuda, yaranesheje. Yaratsinze. Kandi mu gihe yari ahindukiye ngo arabe aho iyo ntambwe yari iri, yaciye abona Umwagazi w'Intama. Yari ariko ararondera intambwe aca abona Umwagazi w'intama. Biratangaje! Wa mukuru yari yamwise Intambwe ariko Yohana we aravye aca abona ari Umwagazi w'Intama; Umwagazi w'intama ameze nk'uwishwe uhereye isi ikiremwa. Umwagazi w'intama yari yarishwe. Ivyo vyari ibiki? Uwo Mwagazi w'Intama yari iki none? Yariko aravirirana amaraso, yakomerekejwe, yari Umwagazi yarongeye kubaho kandi yaguma avirirana amaraso. Oo, bene Data! Bagenzi bahire, mushobora gute kubibona mukaguma muri abanyavyaha?

98 Uwo mukuru yari yavuze ati: «Hari Intambwe yanesheje. Ni ya Ntambwe yo mu muryango wa Yuda.»Yohana yaciye araramura amaso kugira ngo arabe iyo ntambwe, aca abona haserutse Umwagazi w'Intama ahinda agashitsi, yuzuyeko amaraso, akomeretse; yari yaranesheje. Umuntu yarashobora kubona ko yigeze mu ntambara. Yari yarakerewe, ariko yari yarongeye kubaho.

99 Ubwa mbere Yohana ntiyari yabonye uwo Mwagazi w'intama, ku ntango ntiwari wavuzwe. Nta hantu na hamwe wari wavuzwe.

Naho Yohana yari yamurondeye hose mw'ijuru, ntiyari yamubonye. Ariko aca abona aregereje. Nimurabe aho yaje ava. Yaje ava hehe? Yaje ava ku Ntebe y'Ubwami bwa Data yari yicayeko uhereye igihe yakererwa hanyuma akazuka. Yari yarazutse aca yicara i buryo bw'Imana, aguma aho ibihe vyose kugira yame ariko aratuvugira. Amen! Yari yaradugijwe aja hariya ico gihe aba uwutuvugira kubwo amaraso yiwe bwite kugira ngo aburanire ubutamenya bw'abantu. Uwo ni We nzigako vyose. Yari acuzuyeko wa muti ukura amarabaga y'ivyaha mu kubiharira.

100 Yohana yaciye yitegereza uwo Mwagazi w'Intama kandi uyo na we yari ameze nk'uwishwe; yaciye abona ko yari yarakomerekejwe, yarakerewe, yarajanjaguwe kandi avirirana amaraso hose, yari Umwagazi w'Intama avirirana. Uyo ni We yagiye mu gishingo cacu.

Mbega ntibitangaje kubona Umwagazi w'Intama usanzwe warashoboye kuja mu gishingo cacu? We yabonye Umwagazi w'intama. Uwo yariko aregereza. Yohana ntiyari bwongere kumubona kuko yahora ari kure mu guhoraho, aguma atuvugira kandi yerekana ko abari baraje ku Mana kubera ishikanwa ry'amaraso y'amapfizi y'inka n'ay'impene (yari amashikanwa y'ibisubirizi) kandi bakaba barayizeye, Imana yari yabarongoye ngo batumbere uwo Mwagazi. Amaraso ntiyari bwaseswe, ni co

gituma yari ari aho kugira ngo yemeze ko ata caha kibagira. Aho ni ho yari ari kugira ngo atugire abatagirwa n'icaha, mwebwe na jewe. Oh, Mana yanje! Ndizigira ko ari hano, kuri uno mugoroba. Umwagazi w'intama azira umunyavyyaha uwo ari we wese.

101 Mbega Yehova yoshobora kubona ikindi kintu gute uretse uwo Mwagazi avirirana ari hariya? Maze uwo Mwagazi w'Intama yaciye yegereza, mu kwerekwa, ameze nk'uwari yarishwe. Nimumenye neza ko yaje ava ku Ntebe ya Data. Muri ukwo kwerekwa yabonye yegera ava he? Yaje ava mu Bwiza aho yari yicaye i buryo bw'Imana. Aca yegereza avuye mu Bwiza atumbereye aho Yohana yari ari.

Oh! Mbega ntivyoba vyiza cane hamwe ivyiyumviro vyacu vy'ivyaha twobireka burundu kuri uno mugoroba, kugira ngo abe ari We twemera, maze ace yegereza ava mu Bwiza, kuri uno mugoroba, kugira ngo We nyene yimenyeshe umwe umwe muri mwebwe? Uwo Mwagazi w'intama yaciye yegereza ava mu Bwiza kugira ngo aze kutuvugira, ngo yishuze ico yari yaracunguye!

102 Nimwibuke ko yari yarasubiye ku gikorwa ciwe c'umuhuza. Ariko nimwibuke kandi ko ivyo Bimatanije ca Gitabo biri hafi kwugururwa kandi Umwagazi w'intama akaba aje ava ahera h'Imana yegereza. Nimurindire kugeza dushitse kuri ca gihimba c'isaha c'agacerere hamwe urusengero ruzoca rwuzura umwotsi, aho ata muvugizi azoba akiriho, aho ikimazi kizoba camaze gukurwaho; ubwo rero ya Ntebe izoba yahindutse intebe y'urubanza kuko ata Maraso azoba ari kuri Yo, kuko wa Mwagazi w'intama avirirana azoba yahavuye. Ntimurindire kugeza ico gihe.

103 Nimwibuke Isezerano rya Kera; igihe cose ata maraso yaba ari ku ntebe y'ubuntu, haba hari urubanza; ariko mu gihe amaraso yaba ahari, haba hariho imbabazi. Ariko Uwo Mwagazi w'intama yigiriye vyari birangiye.

Yari iki? Yabaye uwo kutuvugira. Nta wundi yari ahari atari We. None rero nimumbarire, Mariya yashobora kutuvugira hehe? Mariya yoshobora gushikana iki? Faransisiko Mweranda w'i Asize, Sisiriya Mweranda canke ikindi kiremwa-muntu boshobora gushikana ishikanwa ki? Yohana ntiyabona ibihumbi vy'aberanda bisohoka biva ahantu ho kutuvugira; ahubwo yabonye Umwagazi w'Intama, Umwagazi w'intama yari yarishwe, Umwagazi w'intama yariko avirirana amaraso.

Uko aberanda bishwe boba bangana kwose, ntaco bivuze; bose ni vyo bari baragenewe, umwe-umwe wese muri bo. Nkuko wa mwambuzi yabivugira ku musaraba, ati : «Twaracumuye kandi tuzize ico twakoze; ariko uyu muntu We, ntaco yakoze na kimwe.»

104 Ni We muntu wenyene yari abereye. Yari aje ava ahantu yahora ariko aratuvugira. Ariko ni ukubera iki aje ubu? Tumwihweze. Oh, bene Data!

Yohana yararize. Ibintu vyari bigeze hehe? Hagomba habe iki?

Ariko uwo mukuru yaciye avuga ati : «Nta co urira, Yohana, eh'Intambwe iraje.

» Yari wa Wundi yari yaranesheje. Aravye yabonye haje Umwagazi w'Intama avirirana amaraso hose

yari yarishwe.

Icishwe cose kiravirirana, murabizi. Izosi ryiwe ryari ryarakerewe; yuzuye amaraso. Yaciye abona wa Mwagazi w'Intama ari we aje : Yarakerewe kandi ariko aregereza. Oh, bene Data! Ni ukubera iki? Ni ukugira ngo yishuze ico yacunguye. Amen! Oh, mbega ivyo ntivyotuma muja kwinyegeza mu mpfuruka ahantu hamwe maze mukarira akanya gato.

105 Ehe Umwagazi w'Intama araje; aracavirirana. Mbega Yohana ntiyari akikujwe n'abantu babaye ba rurangiranwa? Ariko nta n'umwe muri bo yari ashoboye kugira ico yokora. Aho rero ni ho Umwagazi w'Intama yaciye aza. Imisi yo kutuvugira, imisi yiwe yo kuduhuza n'Imana yari yarangiye. Ivyo biba mu gihe wa Mumarayika aba ahagaraye aho ubwa mbere (nimurindire tuzoshike ku kwugururwa kwa bimwe bimatanije ca Gitabo!), avuga ko ata gihe kigisigaye. Ni ukuri!

Ico ''gihimba c'isaha c'agacerere''! Muriyubare ku bigiye gushika muri ico gihimba c'isaha c'agacerere igihe ikigira ndwi kimatanije ca Gitabo kizogururwa ku w'iyinga uza, Imana niyabigomba.

106 Yaregereje (KUBERA IKI?) Kugira ngo yakire ivyo afiseko uburenganzira ubu (Oh, bene Data!); yegereye kugira ngo yakire ivyo afiseko uburenganzira. Ubwo rero yakoze igikorwa c'umuvyeyi. Yaramanutse, aba umuntu, hanyuma arapfa. Yakoze igikorwa co gucungura c'umuvyeyi; ariko ntarakomoza ivyo yari yaranyazwe. Ubu atanguye igikorwa kugira ngo akomoze (Oh, bene Data! Nimwiyumvire ibiba) ivyatumye yicwa. Yari yahindutse umuvyeyi w'umuntu kugira ngo apfe mu gishingo ciwe kubwo kumucungura. Ariko uwo mukuru yari mu kuri hamwe yavuga ko yari Intambwe, murabona? Wa mukuru yavuze ati : ''Intambwe'' kuko iyo aza, namba yarigeze kuba ari Umwagazi w'intama, umuvugizi, Umwagazi w'intama avirirana, ubwo yari yegerereje nk'Intambwe nyene.

Imisi yiwe yo kutuvugira iba yarangiye. Ngo : «Uwanduye mu mutima n'ashishikare yandure; ugororotse n'ashishikare agororoke; uwera n'ashishikare yezwe. » Biba birangiye. Oh, bene Data! None ni iki? Nimwibuke yuko ivyo bintu bishika mu gihe kigira Indwi c'Ishengero maze muri ico gihe ni ho amabanga y'Imana azoshirwa ahabona.

107 Ibi bintu nimubitege yompi. Ni ikintu mutegerezwa kuronka. Yari yarakoze igikorwa c'umuhuza mu kuvugira uwizera. Mu myaka ibihumbi bibiri yari hariya inyuma nk'Umwagazi w'Intama. Ubu rero aregereje, aje ava mu Guhoraho kugira ngo yakire Igitabo kirimwo urwandiko rwemeza nyen'itunga uw'ari we kugira ngo amene Ibikimatanije ace ahishura amabanga. Ivyo bishika ryari? Mu gihe c'iherezo. Murabitahuye? Ni vyiza cane. Turashobora kubandanya rero.

Aca amena Ibikimatanije maze amabanga ari muri vyo akayaha umumarayika w'indwi; uwo nawe ubutumwa bwiwe bukaba ari ubwo guhishura amabanga yose y'Imana. Amabanga y'Imana ari muri ivyo ndwi

bimatanije ca Gitabo. Murabibona? Ni vyo avuga ngaha. Amabanga yose ari muri ivyo ndwi bimatanijwe ca Gitabo.

108 None ubu rero uwo Mwagazi w'Intama avuye aho yahora ari umuhuza w'abantu n'Imana; ahindutse Intambwe, yaciye afata ico Gitabo; ni we abifitiye uburenganzira. Imana yari ikigumije iryo banga ariko ubu Umwagazi w'Intama aciye aza. Nta muntu n'umwe yari ashoboye kwakira ico Gitabo. Caguma kiri mu maboko y'Imana. Nta mupapa n'umwe, canke umupatiri canke uwo ari we wese yoba yari ashoboye kwakira ico Gitabo. Ivyo Bimatanije Igitabo ntivyari bwahishurwe. Murabibona? Ariko igihe Umuhuza yari aheraheje igikorwa ciwe yaciye yegereza maze wa mukuru nawe avuga ati : «Ni Intambwe». Nimwihweze. Oh, bene Data! Aregereza kugira ngo yakire ico Gitabo! (ubu, nimutege yompi!) kugira ngo ahishure amabanga y'Imana, ayo abandi bagerageje gukekereza muri ibi bihe vyose vy'amadini. Murabona rero, namba ico Gitabo c'amabanga ari Ijambo ry'Imana, umumarayika w'indwi ategerezwa kuba uwuvugishwa n'Imana kuko uwo ari we Ijambo ry'Imana rizako. Yaba papa, yaba umupatiri canke uwundi muntu, nta n'umwe yoshobora kuryakira. Ijambo ntiriza ku bantu nk'abo. Ijambo ry'Imana riza ku wuvugishwa na Yo gusa; nta bundi buryo bubaho. Muri Malaki, ku gice ca 4, ni ho yasezeranywe. Atanguye rero, aca afata amabanga y'Imana maze agahera aho ishengero ryagwiriye mu madidane y'aya madini yose, agaca asubiza ukwizera kw'abana ku kwa ba se; hanyuma y'ivyo urubanza ruzoca ruba maze isi iturirwe; hanyuma abagororotsi bazosiribanga abanyakibi kuko bazoba umunyota musi y'ibirenge vyabo mu gihe ca ya myaka igihumbi. Ivyo bintu murabitahuye noneho? Ni ivyo.

109 Mu bihe vy'amadini, abandi bari baragerageje gukekereza, ariko murabona, ayo mabanga y'Imana yari yahawe uwo mugabo, umumarayika w'indwi wo mu Vyahishuriwe Yohana 10 : 7 kandi uwo ni we aheraheza amabanga yose yari yasigaye atamenyekanye mu bihe vyose vy'amadini nk'uko vyagiye bikurikirana. Gurtyo rero murashobora kubona igituma ntarwanya bene Data b'abanyamadini, ariko ndwanya uburyo amadini akora. Kugerageza kumenya ayo mabanga nta na kimwe vyari kubamarira kuko ntiyari gushobora guhishurwa. Ndabivuze mpuje inama n'Ijambo. Barabivuga uko bavyiyumvira, bibaza ko vyari vyo, kandi mu kwizera biba ari vyo bagenderamwo. Ariko ubu ibimenyamenya bigaragara vyaratanzwe. Amen! Oo, bagenzi, mbega Icanditswe.

110 Ubu rero nimurabe ibi: ni We, wa Mwagazi, afata ikibanza ciwe c'Ubwami mu gihe abera biwe baje kumwambika igitsibo ngo abe Umwami w'abami; Uganza abaganza. Murabona, igihe kigeze kw'iherezo. Mu vyahishuriwe Yohana 10: 6, havuga ko ata gihe kigisigaye.

111 Nimumenye ibi. Kuri uwo Mwagazi w'intama hariko amahembe indwi. Mwari mumaze kubibona? Ivyo turamaze kuvyigako. Ihembe ku gikoko risobanura

ubushobozi bwaco. Yamara naho biri uko nticari igikoko kuko yakiriye Igitabo

akagikura mu kuboko kw'i buryo kw'Iyivyagiye kuri ya Ntebe. Murabitahuye? Oh, bene Data! Ndibaza ko hari ikintu nanditse ahantu hamwe. Kumena

Ibimatanije ca Gitabo, kubohoza icete cerekana nyene itunga, guha ubutumwa umumarayika wa nyuma kandi ngo afate ikibanza kimubereye : ng'ico igituma ariko aregera.

Ubu rero nimwihweze ibi: igihe asohotse, ya mahembe indwi... ubwo rero, igihe Yohana yaraba, yaciye abona uwo Mwagazi w'intama yasa n'uwariko aravirirana. Yari aje ava mu Guhoraho kandi yari ahagaritse ivyo kuba Umuhuza. None rero, naho mwosenga Mariya uko mushaka!

Nta muntu n'umwe mw'ijuru canke kw'isi, nta n'umwe, nta caremwe na kimwe cashoboye kwakira ico Gitabo; ico ni co carijije Yohana. Oh, bagenzi banje b'abakatolika, mbega ivyo ntimushobora kubibona? Ntimusenge abantu bapfuye. Uwo Mwagazi ni we Muhuza wenyene! Murabibona? Ni We wenyene yegereye.

112 None yaciye akora iki? Yari ari aho, atuvugira kugeza amaraso yiwe abaye impongano ku wo ari we wese; none ubu Uwo Mwagazi w'intama arazi ivyanditswe muri ico Gitabo. Gurtyo, uhereye ku kuremwa kw'isi yari azi ko amazina yabo yari acanditswemwo; ni co gituma yaciye aja aho akarangura igikorwa ciwe c'Umuhuza kugeza igihe umwe-umwe wese mu banditswe muri ico Gitabo azocungurwa maze igikorwa kikaba giherahejwe; aho ni ho aca asohoka.

113 Yararanguye igikorwa ciwe co kuba umuvyeyi. Murazi ico gikorwa c'ubuvyeyi ico ari co: gushinga intahe imbere ya ba bakuru. Nimwibuke ya nkuru ya Bowazi hamwe wa muvyeyi wa hafi yakura inkweto, n'ibindi. Ivyo vyose yarabiranguye. Ubu aje gutora Umugeni wiwe. Amen! Aje rero ari Umwami. Ariko ararondera Umwamikazi wiwe. Amen! Muri ico Gitabo harimwo ibanga ryose rihishijwe muri bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo. Oh, bene Data! Bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo! Kurindira Ukuza kwiwe!

Turabe ivyo bigereranyo vyose. Ni isaha zitatu zikwiye, turacasigaranye nk'amasaha atatu canke arenga. Satani ntiyigera areka kumbarira ko murushe. Birashoboka ko ari ko biri, ariko naho biri uko reka tubijeko.

114 Ayo mahembe ndwi ni ya mashengero ndwi, Murabona? Vya Bihe ndwi vy'Ishengero kuko ari yo akingira uwo Mwagazi w'intama: Ivyo ni vyo Yakoresha kugira ngo bikingire umugabane wiwe uri kw'isi, uwo ukaba ugizwe n'umurwi w'abantu batumwe n'Imana ngo bakore igikorwa co kurinda. Murabonye amahembe y'Umwagazi w'intama ico ari co?

Amaso ndwi ni zo ntumwa ndwi z'Ibihe ndwi vy'Ishengero. Amaso ndwi, ni bamwe ndwi berekwa ivy'Imana.

115 Muragomba kwandika imirongo imwe imwe yo mu Vyanditswe? Turaja gusoma

imwe imwe muri yo. Mwoba mufise umwanya ukwiye? Ni neza. Dusome mu Gitabo ca Zekariya, ahantu hato gusa. Sinifuza kubatevya rwose kuri ivyo bintu, ariko naho

biri uko sinshaka ko vyobarengana. Ikintu cogira akamaro gusumba ibi coba ikihe? Nta kintu na kimwe kiriho cogira akamaro kurusha ibindi atari Ubugingo budashira, kandi dutegerezwa kubwakira ubu tugatako tukamenya neza ko twaburonse? Ni vyiza cane.

116 Neza na neza tugira dufate ibi bigereranyo vyo muri Zekariya 3. Iyo mirongo nayanditse. Kuri uno muhingamo, nasemereye n'ijwi ry'umunezero ndabibonye. Reka dusome Zekariya 3 :8-9.

« Umve none, yewe Yosuwa umuherezi mukuru, mwe na bagenzi bawe bicara imbere yawe; kukw'abo ari abantu bo kwerekana ibizoba: kuko raba, nzozana umushumba wanje SHAMI (Kristo). Ehe raba ibuye nshize imbere ya Yosuwa: kur'iryo buye rimwe harikw'amaso ndwi; ehe nzoricakw'amagarwe, ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize; kand'ukugabitanya kw'ico gihugu nzogukurah'umusi umwe.»

117 Twongere dusome Zekariya 4: 10. Nimwumvirize : « Mbega har'uwogaya ibikir'umugero ku musi w'intangamarara? (Imana mu guca bugufi, murabibona?) Bazonezerwa babonye karisho mu ntoke za Zerubabeli. Ya yandi indwi ni zo nyonga z'Uhoraho, zinyuranganya mw'isi yose hirya no hino.»

Amaso asobanura kubona. Aberekwa ivy'Imana ni abavugishwa na Yo, ni bo berekwa. Uwo Mwagazi w'Intama yari afise amahembe ndwi kandi kw'ihembe rimwe rimwe hari hariko ijisho, ukwo ni kwo amaso yakwira indwi. Ivyo bisobanura iki? Ni Kristo n'Umugeni wiwe. Muri ivyo bihe ndwi vy'Ishengero haje abavugishwa n'Imana indwi, abantu ndwi berekwa ivy'Imana, amaso indwi. Kubw'ivyo rero, n'uwa nyuma ategerezwa kuba ari umuntu yerekwa ivy'Imana.

118 Ubwo rero si igikoko. Uwo Mwagazi w'Intama yavirirana yarakiriye Igitabo agikuye mu kuboko kw'i buryo kw'Iyivyagiye kuri ya Ntebe.Yari nde? Yari Nyene co, uwamye ari nyene co, ari na we yari afise Igitabo c'ubucunguzi mu kuboko kwiwe kw'i buryo; kandi nta mumarayika n'umwe, nta caremwe na kimwe co mu bamarayika, nta kindi kintu na kimwe cari gushobora kuja mu gishingo ciwe. Maze uwo Mwagazi w'intama avirirana yaciye asohoka afata ico Gitabo mu kuboko kwiwe. Ivyo ni ibiki? Bene Data, ni ikintu kiri hejuru y'ibindi vyose mu Vyanditswe. Cari Igikorwa ata mumarayika n'umwe canke uwundi wese yari gushobora kurangura. Ariko uwo Mwagazi w'intama yaciye aza afata ico Gitabo cari mu kuboko kw'i buryo kw'Ivyagira kuri ya Ntebe. Ivyo bisobanura iki? Ubu rero ni ic'uwo Mwagazi. Amen!

119 Imana ni Yo yari igifise. Icagezwe c'Imana casaba ko habaho Umuvyeyi mucunguzi maze uwo Mwagazi w'Intama yaciye asokoroka afise ubushizi bw'amanga, avuga ati: «Ndi Umuvyeyi wabo wo hafi! Ndi Umucunguzi wabo!

Narabavugiye none ubu naho nje kugira ngo nkomoze ivyo bafitiye uburenganzira! (Amen! Amen!). Naje ngo nkomoze ivyo bafitiye uburenganzira. Kubw'ivyo rero barafise uburenganzira ku vyo bari baratakaje vyose bitewe no kugwa none ni jewe

narishe umwenda wavyo». Oh bene Data, mbega ivyo ntibituma mwuzura uguhimbaza. Si kubw'ibikorwa vyiza twoba twarakoze ariko ni kubw'imbabazi zayo. Nimurindire akanya gato! Ba bakuru n'abandi bose baciye batangura kurambika hasi ibitsibo vyabo bongera gupfukama bikubita hasi.

120 Nta muntu n'umwe, oya, nta n'umwe yari gushobora kubikora. Ariko uyo We yaciye agenda ubwo nyene atumbereye i buryo bw'Imana, yakira ico Gitabo agikura mu kuboko kwayo aca atangura kumenyesha abiwe abo ari bo, ati: «Narabapfiriye. Ni jewe ndi Umuvyeyi wabo nkaba n'Umucunguzi wabo. Ndi Umuhuza. Amaraso yanje yarasesetse. Nigize umuntu kandi nabikoze kugira ngo nsubize ishengero aharyo, rimwe nari narashizeho isi itararemwa. Ico nashaka kwari ukugira ngo rihabe kandi naravuze kugira ngo ribeho. Ariko nta muntu n'umwe yari ashoboye kwakira ico Gitabo. Ni co gituma nimanukiye maze nkaciyakirira jewe nyene : ndi umuvyeyi wabo wa hafi. Nahindutse Umuvyeyi wabo wo hafi. Nahindutse Umuvyeyi wabo wo hafi.» Maze yaciye afata ico Gitabo. Amen!

Ni nde andindiririye hariya kuri uno mugoroba? Uwo ni nde ga Shengero, ni nde arindiririye hariya? Ni nde wundi yoshobora kukurindirira hariya? Ni uwo Muvyeyi mucunguzi! Oh, bene Data! Mbega igikorwa kiruta ibindi vyose!

121 Ubu rero arafise urwandiko rwo gucungura rwerekana ko ari We mucunguzi. Arufise mu kuboko kwiwe; ubu rero ivyo kuduhuza biba vyabaye. Urwo rwandiko arufise mu kuboko kwiwe. Nimwibuke ko mu bihe vyose vyabayeho, rwamye ruri mu kuboko kw'Imana, ariko ubu ruri mu maboko ya wa Mwagazi.

Ubu rero nimutege yompi. Urwandiko rwerekana ko ari We mucunguzi w'ivyaremwe vyose ruri mu minwe yiwe kandi aje kurukoresha mu kurwishuriza ikiremwa-muntu. Nta rwishuriza abamarayika, arwishuriza abantu yahawe ngo bongere babe abahungu n'abakobwa b'Imana; Asubiza mw'Itongo rya Edeni ivyo bari baratakaje vyose : ivyaremwe vyose uko bingana, vyaba ibiti, ubugingo bw'ibikoko n'ibindi vyose. Oh, bene Data, mbega ivyo ntibibasubizamwo intege?

122 Namye nibaza ko maze kuruha ariko numva ubu ntakirushe. Rimwe na rimwe ndibaza ko nshaje cane ku buryo ntoba nkivuga ubutumwa, ariko iyo mbonye ibintu nk'ivyo, nca numva umenga nongeye kuba umusore. Ivyo bituma muba ikindi kintu, murabona! Kuko nzi ko iyo mw'Ijuru hariho Uwundindiriye, Uwandihiye umwenda ntari kwigera nirihira; ni ukuri! Yarabinkoreye, Charlie. Na wewe yarabigukoreye. Yabikoreye abantu bose none ubu ehe aregereje kugira ngo akomoze ivyo yacunguye. Abikomoreze nde? Si we avyikomoreza ariko abikomoreza twebwe. Ni Umwe muri twebwe. Ni We Muvyeyi wacu wa hafi. Oh, bene Data! Ni Umuvukanyi wanje, ni Umuvyeyi mucunguzi wanje. We ni vyose. Mu vyukuri nari kumera gute iyo hataba We canke noshoboye kumera gute iyo hataba We?

Murabibona rero. Uwo ni vyose kuri jewe. Kandi ahagaze aho nk'Umuvyeyi wacu. Kugeza ubu yakomeje kutuvugira. Hanyuma, aca aregereza yakira ico Gitabo

c'ubucunguzi kugira ngo akomoze ivyiwe bitewe n'ivyo yadukoreye.

123 Yesu yaravuze ati: « Unyizera n'iyo yoba yarapfuye, azobaho; kand'uriho wese anyizera, ntaho azokwigera apfa... Urya umubiri wanje akanywa amaraso yanje, ni we afise ubugingo budashira, nanje nzomuzura ku musi w'iherezo. »

Naho boba barasinziriye ku muteramyi wa mbere, ku muteremyi wa kabiri, ku wa gatatu, ku wa kane, ku wa gatanu, ku wa gatandatu canke ku w'indwi, canke mu gihe ico ari co cose, ntaco bitwaye. None hazoshika iki? Inzamba y'Imana izovuga kandi iyo nzamba ya nyuma izosamirana mu gihe nyene umumarayika wa nyuma azoba ariko aravuga ubutumwa bwiwe mu gihe ica nyuma kimatanije ca Gitabo kizoba cuguruwe; kandi iyo nzamba ya nyuma izovuga, maze Umucunguzi azoca aseruka kugira ngo atware abiwe yacunguye, ari bo Shengero ryogejwe n'Amaraso.

124 Ubwo rero ivyaremwe vyose biri mu kiganza ciwe, ari na co kirimwo Igitabo canditswemwo umugambi w'ubucunguzi wose wamatanishijwe udushashara indwi tw'amabanga kandi udomweko ikimenyetso. Yonyene ni Yo ishoboye kuwuhishurira uwo igomba. Murabona, igifise mu kuboko kwayo. Yamara yarasezeranye ko ivyo vyokozwe muri ico gihe nyene kuko muri kino gihe ico Gitabo c'ubucunguzi kiracamatanishije udushashara ndwi tw'amabanga. Ubu rero nimutege yompi ibi. Ubu, bene Data bakundwa, nababariye ko ndabareka mugataha isaha zibiri n'igice, none nasize ku ruhande impapuro zitatu canke zine kugira ngo ndabishikeko. Ubu isaha zitatu ziramaze kurenga, ariko murashobora kugaruka ejo.

125 Uwo Mwagazi rero ni We wenyene yari ashoboye kwakira ico Gitabo c'ubucunguzi kimatanishijwe udushashara ndwi. Yaciye acakira agikura mu kuboko kw'Ivyagiye kuri ya Ntebe kugira ngo yishuze abo yacunguye, kugira ngo akomoze ivyiwe, kugira ngo jewe na mwebwe atwishurize ivyo yacunguye akabikura mu maboko ya Satani, kugira ngo abigarure. Murabibona? Kugira ngo amugarure ku vyo Adamu yari yaratakaje vyose muri rya tongo rya Edeni. Yaraducunguye kugira ngo atugarukane kuri vyo.

126 Ubu rero ko uwo Mwagazi afise ico Gitabo mu kuboko kwiwe, turiteguriye kumusaba Ubuntu n'imbabazi vyiwe kugira ngo atuzingururire ico Gitabo kimatanishijwe udushashara Indwi kandi ace atureka turabe hirya y'igihuzu gikingiriye ibihe.

Nimumenye ibi: yaciye yakira ico Gitabo, rwa rwandiko rwerekana Nyene itunga rwadomwako ikimenyetso (ubu ivyo mubigumize mu vyiyumviro vyanyu) kandi aca amena bimwe Bimatanije ico Gitabo vy'ibanga kugira ngo abihishure, kugira ngo abizanire abiwe, abo yacunguye bose.

Ubwo rero nitwabishikako mu Bimatanije Igitabo, tuzosubira inyuma duce tubona za mpwemu z'abishwe ziri musi y'igicaniro zitakambisha ijwi rirenga ngo : « Databuja uzogeza ryari, uzogeza ryari...? »

127 Maze aho rero ni ho tumubonera nk'Umuhuza ari ku gicaniro, avuga ati : «Ongera mumare igihe gito, gushitsa aho igitigiri ca bene So bategerezwa kubabazwa nka mwe kizoshikira. » Ariko ubu rero aba ageze kuri ico ca nyuma kimatanije ca Gitabo. Ntaba akiri Umuhuza, aba yabaye Umwami, none akora iki? Namba ari Umwami ategerezwa kuba afise abamugamburukira, kandi abo na bo ni abo yacunguye; kandi ntibashobora kurenguka imbere yiwe, imbere yuko We abanza gufata uburenganzira bwo gucungura. Maze ubu rero avuye aho yahora ari nk'Umuhuza, aho urupfu rwari rwadushize mu mva, none aregereje afise Ubushobozi n'uburenganzira bw'ivyamwegukiye. Amen!

Kandi n'abazoba bakiriho bakagumaho kugeza ku Kuza kwiwe ntibazobera intambamyi abazoba barasinziriye kuko inzamba y'Imana izoba yaravuze mu gihe c'iyo nzamba ya nyuma, igihe ica nyuma kimatanije ca Gitabo kizoba kimenwe kandi umumarayika w'indwi akazoba yaravuze ubutumwa bwiwe; ijwi ry'inzamba ya nyuma rizokwumvikana maze abapfiriye muri Kristo bazozuka, hanyuma natwe abazoba bakiriho dusigaye tuzoca duteruranwa na bo tuje kumusanganira mu kirere. Ubu rero aba yegereje kugira ngo akomoze itunga ryiwe.

Nimwihweze ibi! Amena Ibimatanije ca Gitabo, agahishura amabanga; ariko abihishurira hehe? Mu Gihe ca nyuma c'Ishengero, ni na co conyene kirimwo abakiri bazima. Abo mu bindi bihe vyose barasinziriye.

128 Yavuze ati : «Namba yoza ku muteramyi wa mbere, uwa kabiri, uwa gatatu n'abandi kugeza ku w'indwi....» Ku muteramyi w'indwi ni ho, ijwi rirenga canke rihamagara rica ryumvikana riti : « Ng'uyo Umukwe araje, ni muje kumusanganira! » Maze muri ico gihe nyene inkumi z'ibijuju zisinziriye, amashengero y'amadini, zaciye zivuga ziti : « Oh! Murazi, ndizera ko noshima rwose kuronka uwo Mpwemu Yera. » Mwoba mwarihweje Abaperesibiteriyano n'Abangilikane? Mwoba mwarumvise ubutumwa navugiye i Phoenix bwababwirwa ba bantu bari bahagaze mu bariko barumviriza? Umwanditsi wo mu kinyamakuru cabo citwa ''Ijwi'' yakoresheje imvugo ya ''Data mweranda kanaka'' Mbega ni igiki kitagenda neza muri uwo mwanditsi catumye avuga ivyo? Bibiliya ivuga ko atawukwiye kwita umuntu n'umwe ''Data'' (Matayo 23 : 9). Icabitumye, ni uko bariko barasinzirana na za nkumi z'ibijuju.

Yamara baje bavuga bati : «Ego turizera... »

129 Umugore umwe yabwiye uwundi mugore ati: «Murazi, ndi uwo mw'Ishengero ry'Abangilikane; umusi umwe naravugishijwe mu ndimi; ndizera ko nahawe Mpwemu Yera; ariko uragumya ururimi! Ntuzobibwire n'umuntu n'umwe. »

Ndakekeranya rwose ko woba waramuronse vyukuri. Ego koko warashoboye kuvuga mu ndimi; ariko mushize umuriro mu muntu, yoshobora gute kuguma yicaye adakoma? Ntibishoboka!

Mwoshobora kwibaza kuri Petero, Yakobo, Yohana n'abandi bari kumwe muri yanzu yo hejuru, iyo bari kuvuga bati : «Turafise Mpwemu ariko twoba tugize neza

mu gihe twoguma tunumye. » Bene Data, mu gusohoka baja mw'ibarabara baciye mu miryango no mu madirisha, bigenza nk'abari banyoye; Uwo ni we Mpwemu Yera w'ukuri.

130 Ariko murabona, ivyo ari vyo vyose izo nkumi z'ibijuju ntizigeze zironka na mba. Ni ukuri! Kandi nimwibuke ko mu gihe bari bagiye kugerageza kugura amavuta (Ivyanditswe ntibivuga ko bayaronse)... Mu gihe bari basohotse, bagerageza kuyagura, haciye humvikana ijwi rihamagara. Icashitse cabaye igiki? Za nkumi zose zari zisinziriye zaciye zikangura zitunganya amatara yazo. Abanyabwenge baciye binjira mu mazimano y'Ubukwe (s'uko biri?) ariko abandi na bo baciye basigara kugira ngo bace mu mibabaro izobamwo amarira, imiborogo no kuryanya insya z'amenyo. Iryo ni ishengero; si Umugeni ariko ni ishengero. Vyukuri, Umugeni aca yinjira mu mazimano y'Ubukwe. Ivyo nimubishire ku muzirikanyi!

131 Ibimatanije ca Gitabo biba vyamenwe. Kubera iki? Kugira ngo bihishure uku kuri mu gihe ca nyuma c'Ishengero. Kubera iki? Umwagazi w'intama amena Ibimatanije ico Gitabo akabihishurira Ishengero ryiwe kugira ngo yegeranirize abiwe mu Bwami bwiwe, ari bo Mugeni wiwe. Murabibona? Oh, bene Data! Ubu rero agomba kwishira abiwe.

Ivyo bishoboka gute? Azobakura mu mukungugu w'isi, i bwina mu kiyaga, i bwina mu rwobo, hose no mu bibanza vyose, mu mihingo y'umwiza, muri Paradiso, aho boba bari hose. Azohamagara kandi na bo bazokwitaba! AMEN! AMEN! Azohamagara kandi na bo bazokwitaba.

Agiye kuza gutora abiwe. Yarahishuye amabanga yiwe na bo barayabonye; kandi muri ico gihe nta gihe kizoba kigisigaye; igihe kizoba carangiye : bizoba vyarangiye!

132 Aca ava ku ntebe y'Ubwami aho yari ari nk'uwutuvugira, nk'Umwagazi w'Intama yishwe, maze agaca ahinduka Intambwe, Umwami, kugira ngo acire urubanza ab'isi bashibuye Ubutumwa bwiwe. Ntaba akiri Umuhuza.

Ubu rero nimwibuke inyigisho yo mw'Isezerano rya Kera mu gihe turiko turihuta. Iyo amaraso avuye ku Ntebe y'Ubuntu, iyo Ntebe yaca iba iki? Intebe y'Imanza. Mu gihe wa Mwagazi w'intama yakerewe avuye mu Guhoraho, ku Ntebe ya Data, agaca yakira ivyiwe, ica iba intebe y'urubanza! Aho rero ntaza nk'Umwagazi w'Intama ariko aca aza nk'Intambwe, nk'Umwami! Agaca ahamagara Umwamikazi wiwe ngo aze bicarane. Ngo: « Ntimwari muzi ko abera ari bo bazocira isi imanza? »

133 Daniyeli yavuze ko intebe z'imanza zikiriko zirashirwaho, ibitabo vyazinguruwe kandi ibihumbi n'ibihumbi baramukorera, We Umwami, n'Umwamikazi. Hanyuma ikindi gitabo kirazingururwa ari co Gitabo c'Ubugingo. Ico rero ni ic'ishengero, ariko Umwamikazi n'Umwami bo bari aho.

134 Nk'uko ya ndirimbo ya wa mwungere w'inka yo kwikebukana n'Imana ivuga, ngo:

Umusi umwe nari mu canya,

Ndiko ndaraba inyenyeri kw'ijuru

Maze ndibaza nti mbega umwungere w'inka agayitse

Yoshobora kuduga akagera muri ivyo vyiza biri iyo mw'ijuru?

Hariho inzira ijana muri kirya gihugu gikayangana kandi c'umunezero.

Ariko bavuga ngo ni inzira y'umwiza;

Ariko inzira yagutse ijana mu mahonero.

Ni inzira irimwo umuco kandi ikayangana kugeza aho iherera.

Bavuga ko hariho uwundi Mutunzi akomeye...

(Avuga mu mvugo y'umwungere w'ibitungwa. Muraja kubibona ubu nyene ni mwaba mwarabonye ukuntu ibikoko bikoranirizwa hamwe.)

Bavuga ko hariho uwundi mutunzi akomeye;

Uwo ntiyigeze agira ibitungwa vyinshi.

Azokwama imisi yose aha ikibanza umunyavyaha wese

Agomba kwemera guca muri iyo nzira ipfunganye.

Bavuga ngo ntazokwigera abaheba

Ngo arazi igikorwa cose mu vyo mukora

kubwo agakiza kacu birakwiye ko dushirwako ikimenyetso gikorogoshojwe

icuma ciwe maze amazina yacu akandikwa muri ca Gitabo ciwe gihambaye.

Kuko hazobaho gukoranirizwa hamwe guhambaye.

Aho twebwe, abungere, tuzokoranirizwa hamwe nk'inyana,

tuzoshirwako na bamwe bagendera ku mafarasi y'imanza (ari bo bavugishwa na Yo bo n'aberekwa ivy'Imana).

Bahagaze hariya kandi bazi ikimenyetso ico ari co cose.

135 Namba mwarigeze kubona uko ibitungwa bikoranirizwa hamwe, mwarashoboye kubona ukuntu shebuja ahagararaho maze abagendera ku mafarasi bakaguma bazunguruka umukuku. Iyo umwe mu bagendera ku mafarasi abonye ikimenyetso ciwe bwite, aca akebura shebuja maze uwo abibonye agaca amwishura mu kuzungagiza umutwe. Agaca ajana ifarasi yiwe aca muri iryo sinzi ry'amahembe nka kuno, agaca asobanura ibitungwa vyiwe bwite.

Kuko hazobaho gukoranirizwa hamwe gukomeye.

Aho twebwe abungere, tuzokoranirizwa hamwe nk'inyana,

Tuzoshirwako ikimenyetso na bamwe bagendera ku mafarasi y'imanza

bahagaze hariya kandi bazi ikimenyetso ico ari co cose.

Arongera akavuga ati:

Ndibaza ko ndi umwe muri izo nyana zimaze umwaka ziyerera

Ndi umuntu koko yari abereye gucirwa urwo gupfa;

(ntiyashirwako ikimenyetso; mu bisanzwe bazikoramwo isosi,)

Ni iyihe izosobanurwa igakurwa mu bitungwa bishaje Igihe shebuja w'abo bagendera ku mafarasi

azozira.

Murabona uwo ari We?

Uwo ni Shebuja w'abo bagendera ku mafarasi! Ni Umwagazi w'Intama kuri izo ntumwa ndwi zashizwe aho ku gikorwa co kurereka kandi bakaba bazi ikimenyetso ico ari co cose.

136 Nimurabe ko aje, ko ava ku Ntebe aba yari ariko nk'umuvugizi, nk'Umwagazi yishwe, agaca acika Intambwe, Umwami, kugira ngo arengutse isi yose yamutaye imbere y'intahe. Umuvyeyi mucunguzi wacu rero ni Umwami ari hejuru ya vyose. Kubera iki? Kuko afise urwandiko rwerekana ko ari We Nyene gucungura; rwose ruri mu kiganza ciwe. Ndanezerejwe n'uko ndamuzi.

Hanyuma aca yishuza umugabane wiwe; ni Wo Shengero, Umugeni ari na we aca akomoza. Hanyuma aca akora iki? Aca yikurako umwansi, Satani. Agaca amuta mu kiyaga caka umuriro n'abari barahumekewe na Satani bose kugira ngo bashibure Ijambo ryiwe ryo gucungura.

137 Ubu rero ni Umwami. Ubuntu buracari ku Ntebe. Ntimushibure ingabire yiwe.

Abo bagendera ku mafarasi barazi neza abo muri bo. Ubu rero uwumurwanya, yamuteje ingorane mu myaka 2000, yibaza ngo : «Noshobora kubagira uko nshaka kwose. Baracari abanje; baratakaje rwa rwandiko . » Ariko Yesu ni we wa Muvyeyi Mucunguzi.

Aho ni ho ari, aguma atuvugira ubu, ariko umusi umwe... Satani yavuze ati : «Nzobashira mu mva. » Ariko Yesu yabwiye Ishengero ati : «Nzoyibakuramwo; ariko ica mbere ni uko nobanza kuba Umuvugizi. »

138 Ubu rero aregereje, asohotse ava mu Guhoraho, ku Ntebe ya Data aho yari yicaye nk'Uwutuvugira. Ubu rero aje ngo abe Umwami, kugira ngo aragize amahanga inkoni y'icuma. Urubanza rurateguwe. Oh, bene Data! Umuvyeyi mucunguzi wacu ni We afise ivyo vyose. Ni ukuri, ego!

Aca akora iki? Aca abwira uwo mwansi ari we Satani ati : « Ni abanje ubu rero, nabakuye mu mva. » Hanyuma agaca afata abanyabinyoma bose, abonona Ijambo n'abakora uko bose, hamwe na Satani, akabahonerereza muri ca kiyaga caka umuriro! Ubwo rero vyose biba birangiye. Aca abata mu kiyaga caka umuriro! Oh, bene Data!

139 Mbega murazi? Nagomba kwongera kubabwira neza na neza ikintu kimwe imbere yuko ndangiza kandi turaja kwihuta. Nimumenye rero ubu ko dushitse ku murongo w'indwi, ariko uhereye ku w'umunani ukageza ku wa cumi na kane nashaka ko muraba neza ibica biba. Ivyari biri mw'Ijuru vyose n'ivyari biri kw'isi vyose...

Nimutege amatwi ibi (Igice ca 5). Ndibaza ko vyoba vyiza ndahasomye. Duhere ku murongo wa 6:

Mbona hagati ya ya Ntebe na vya binyabugingo bine no hagati ya ba bakuru, Umwagazi w'Intama ahagaze; asa n'uwishwe, afise amahembe

ndwi n'amaso ndwi (nk'uko duhejeje kubisobanura), ni vyo Mpwemu ndwi

z'Imana, zatumwe kwama zija mw'isi yose. (Murabona! Ibihe ndwi vy'Ishengero, za ntumwa indwi zaguma zicungereye wa muriro ngo ugume waka. Ni ukuri.) Araza (Uwo Mwagazi), agikura mu kuboko kw'i buryo kw'Ivyagiye kuri ya Ntebe (Yari yicaye kuri ya ntebe!)

140 Ubu rero nimutege abiri : Igihe yari akoze ivyo bintu, nimwihweze ivyaciye biba. Muravuga umunezero? Aho ni ho nyene ivyo Bimatanijwe ca Gitabo bimenagurirwa. Hanyuma y'ivyo hazobaho agacerere k'igice c'isaha. Nimwihweze ibi : twaratanguye kandi tuzobirangiriza kuri vyo nyene, ku w'iyinga. Ubu rero mwumvirize neza; muriteguye? Nimuvuge muti: ''Amen!'' Nimwumvirize neza ivyabaye ivyo ari vyo.

141 Amaze gukora ivyo, mu gihe ivyaremwe vyose vyari biriko biranihira hamwe, mu gihe ata muntu n'umwe yari azi ico yokora, maze bigatuma Yohana arira, uwo Mwagazi w'intama yaciye yegereza. Mu gihe ico Gitabo cari kikiri mu maboko y'uwamye ari nyene co (Umuntu we yari yaraguye kandi yaragitakaje, kandi yaba umupatiri, umupapa canke uwundi, nta muntu n'umwe yari ashoboye gucungura isi, uwo Mwagazi w'intama yaciye ashika. Si Mariya, si umweranda kanaka, si n'umweranda wundi ariko uwo Mwagazi ni We yaciye aza, avirirana amaraso hose yarishwe aca yakira igitabo kiri mu kuboko kw'i buryo kw'Iyari ivyagiye kuri ya Ntebe. Kandi bamaze kubona ko hariho Umucunguzi... kandi mu gihe impwemu z'abapfuye zose zari ziri musi y'igicaniro, mu gihe abamarayika, mu gihe ba bakuru, mu gihe bose bari babonye ivyari vyarakozwe...

142 Ivyo ntibiraba. Uno musi ni Umuhuza. Ariko nimwumvirize neza, agiye no kuzokora ibi.

«Amaze kwabira ico Gitabo, vya binyabugingo bine na ba bakuru mirongo ibiri na bane baca bikubita imbere y'uwo Mwagazi, bafise inanga bose, n'inzavya z'izahabu zuzuye imibavu, ni yo gusenga kw'abera. »

Abo ni bamwe bari munsi ya ca gicaniro, bahora basenga bakiri hano uhereye kuva kera, murabona; bama basengera gucungurwa, basenga ngo habeho kuzuka kandi aha havuga ngo abo bakuru baguma bakwiragiza amasengesho imbere y'Uwo Mwagazi w 'intama bati kuko ubu twabonye Uwuduserukira! Turafise Umuvyeyi mw'Ijuru yaje kugira ngo akomoze ivyiwe.

«Baririmba indirimbo nsha, bati birakubereye kwabira igitabo, no kumena ibikimatanije, kuko wishwe, ugacungurira Imana (mutege amatwi neza) abo mu miryango yose no mu ndimi zose no mu moko yose, no mu mahanga yose, ubacunguje amaraso yawe, ukabahindura ubwami bw'Imana yacu no kuba abaherezi bayo, kandi bazoba abami mw'isi. »

143 Bashaka kugaruka kandi bazogaruka kugira ngo babe abami n'abaherezi. Imana ihabwe icubahiro! Numva meze nk'aho ngomba kuvuga mu ndimi! Nimurabe!

Nimwumvirize neza! Muri kano kanya numva imvugo yanje idahagije kugira ngo

ndamuhimbaze. Nkeneye ururimi no kumenya ntazi! Ngo «Ndaraba (Nimwumvirize ibi) : numva ijwi ry'abamarayika benshi... »

144 Oh! Nimurabe uwo munezero! Bakibona uwo Mwagazi w'intama aje akabira Igitabo c'ubucunguzi, impwemu z'abapfuye zaciye zisemerera. Ivyo turaja kuvyigako. Abakuru bose, bose baciye bikubita imbere yiwe, mu gihe c'amasengesho y'abera. Kubera iki? Kuko twari turonse Umuvyeyi wo hafi. Baciye bagwa bubamye baririmba indirimbo bavuga bati : «Urabereye, kuko wishwe. » Nimurabe rero abo bamarayika.

«Ndaraba, numva ijwi ry'abamarayika benshi bakikije ya Ntebe na vya binyabugingo na ba bakuru:igitigiri cabo cari amasinzi n'amasinzi, n'ibihumbi n'ibihumbi (Nimumenye ibi). Bavuga n'ijwi rirenga, bat'Umwagazi yishwe abereye guhabga ububasha n'ubutunzi n'ubgenge n'ubushobozi n'icubahiro no guhimbazwa n'umugisha. »

145 Oh! Mbega umunezero mwinshi waciye uba mw'Ijuru igihe uwo Mwagazi w'Intama yari avuye ku Ntebe yo kutuvugira kugira ngo aze kwegukira ivyiwe yari yakomoje. Murazi ivyaciye bisubira gushikira Yohana. Yarashoboye kubona izina ryiwe ryanditswemwo, aho ivyo Bimatanije ca Gitabo vyugururwa kandi vyukuri ategerezwa kuba yaciye anezerwa. Nimwumvirize ico yavuze; ati : «Kand'icaremwe cose co mw'ijuru no mw'isi n'ikuzimu no hejuru y'ikiyaga n'ibiri muri vyo vyose, numva bivuga, bit'Ivyagiye ku Ntebe bo n'Umwagazi w'Intama, umugisha ube uwabo n'icubahiro no guhimbazwa n'ububasha, ibihe bitazoshira (AMEN! AMEN! AMEN!Oh!). Kandi vya binyabugingo bine biravuga, biti Amen. Bano bakuru bikubita hasi, barasenga.»

146 Muvuga yubile! Mbega ukuntu ico gihe cari ciza cane igihe uwo Mwagazi w'Intama yari yegereje! Yamara ico Gitabo no mw'Ijuru cagumye kimatanije; amabanga aguma ari amabanga. Mwovuga muti : «Izina ryanje ryoba ryanditswe muri Co? » Ntavyo nzi; ndizigira ko ririmwo. Ariko ni ryaba ririmwo, ryanditswe muri ico Gitabo isi itararemwa. Ariko ikintu ca mbere na mbere cerekanye ukwo gucungurwa ni uwo Mwagazi yishwe isi itarabaho. Maze yaciye afata ico Gitabo (Imana ihabwe icubahiro!), aracugurura, amena ibikimatanije aca abirungika kw'isi abiha umumarayika wiwe agira ndwi kugira ngo uwo na we ace abihishurira abantu biwe. Ni ukuri! None haciye haba iki? Impundu, indirimbo, za ''haleluya'', no kuvuga ngo ''Imana ihabwe icubahiro'', Ubwiza, Ukugaragara! [Ikoraniro ribandanije kunezerwa-U]. Maze Yohana na we yari ahagaze aho ariko ararira aca avuga ati : «Ibiri mw'Ijuru vyose, ibiri kw'isi vyose n'ibiri mu kiyaga vyose vyanyumvise nsemerera nti : Amen! Umugisha, icubahiro, ububasha n'inkomezi ni bibe ivy'Uwo aje ibihe bidashira! »

147 Mbega ukuntu ico gihe c'imenagurwa ry'Ibimatanije Igitabo cabaye igihe

c'umunezero! Yohana yarashoboye kuraba abona hirya y'igihuzu gikingira ibihe; yarashoboye kuvuga ati: «Yohana ari muri co! » Yari anezerewe cane. Yaciye avuga ati : «Ibiri mw'Ijuru vyose!» Ategerezwa kuba yararize rwose, si ko biri none? Ati : «Ibiri mw'Ijuru vyose, ibiri kw'isi vyose, ibiri i kuzimu vyose, ivyaremwe vyose n'ibindi bisigaye vyanyumvise mvuga nti : Amen! Umuhezagiro, icubahiro, ubwenge, ububasha n'inkomezi n'itunga ni ivyiwe! Amen! »

148 Kubera iki? Kuko Guhishurirwa kuzanwa n'uko uwo Mwagazi w'Intama, uwo Mucunguzi, Umuvyeyi wacu wa hafi, yavuye ku Ntebe y 'Ubuhuza, akegereza kugira ngo yegukire ivyiwe.

Wa Mwagazi w'Intama araje vuba kurondera Umugeni wiwe,

Uwo Mugeni azokwama ari mu mbavu ziwe.

Ingabo zose zo mw'Ijuru zizokoranirizwa hamwe.

Kizoba ari ikintu kibereye ijisho.

Abera bose bazoba bambaye izera.

Kandi tuzoganzanya na Yesu ibihe bidashira.

Databuja aravuze ati : «Nimuze murye! » (murye Ijambo...Oh, ndabuze uko nobivuga, murabona?). Ati : «Nimuze murye! »

Ati : «Nimuze murye! Nimuze murye! » Urashobora kwama unezerewe uri ku meza ya Yesu! (Oh, ariko muramutse muyavuyeko, nta mpfungurwa muzoba mukironse).

Uwo ni We yagaburiye amasinzi n'amasinzi,

Yahinduye amazi umuvinyu...

149 Ni We yavuze ati : «Uwunyizera jewe, ibikorwa nkora nawe azokora ». Oh, bene Data!

We yasezeranye ibi bintu ko bizoba mu misi ya nyuma, We yabivuze, ni We ariko arabimenyekanisha muri kino gihe co guhishura. Ati : «Nimuze murye. » Oh, ntibigucike, mwene Data! Ubu rero, twunamike imitwe yacu akanya gato.

Ejo ku mugoroba, kubw'ubuntu bw'Imana, tuzogerageza kumena iki ca mbere kimatanije ca Gitabo, Imana niyagomba kukitumenera ikatwereka uko gihishura ukwo ari kwo, ivyari vyaranyegejwe uhereye isi ikiremwa.

150 Imbere yuko dukora ivyo, mwa banyavyaha bagenzanje, canke mwa banyeshengero mwe mwakonje, mwoba mufise ikarata yuko muri abanywanyi b'ishengero canke se ntayo mufise? Namba mufise ikarata y'ubunywanyi, vyobabera vyiza mutayifise. Mukeneye kuvuka. Mutegerezwa kuza mu Maraso, mutegerezwa kuza ku kintu kanaka gihanagura icaha gusa kugeza naho kitagisubira kwibukwa ukundi.

Namba mutaritegurira gusanganira Umwagazi w'Intama mu kirere, aho

rero kubwo ubushobozi nambitswe, kubwo igikorwa natumwe n'Imana ishobora vyose kandi nkaba nabishikirijwe n'Umumarayika, Inkingi y'Umuco,

ndabihanikirije mw'Izina rya Yesu Kristo nti : ntimugerageze kuMusanganira mufise ikarata y'umunywanyi w'ishirahamwe, y'ishengero ry'iyi si!

Nimwegere mu gihe Umuhuza akiri ku Ntebe, nk'uko ndabizi, akiriko aratuvugira, kuko hazoba umusi umwe muzogomba kuza ariko Umuhuza akaba atakiriho. Kuko nitwaba tuzi isaha tugezeko, mu gihe c'indwi c'ishengero kandi amabanga y'Imana akaba abaye ico twerekanye ko yobaye agaragazwa na Mpwemu w'Imana, yerekana ivyo yasezeranye vy'imisi ya nyuma, aho rero dusigaranye igihe kingana gute? Munyavyaha mugenzanje, niwegereze!

151 Mwami Yesu, igihe kigeze kure. Mbere gishobora kuba kigeze kure cane kurusha uko tuvyiyumvira. Kandi turanezerejwe no kubona twegereje iki gihe; ku wizera ni igihe ciza cane isi itigeze kumenya. Ariko ku muntu agushibura ni igihe kirusha ibindi umubabaro kitigeze kubaho. Ntiboshobora kuronka inyuguti zikwiye zo mw'ikurikiranywa ryazo kugira ngo bazikurikiranye zivemwo amajambo yoshobora kuvuga amarushwa n'imibabaro ibarindiriye. Kandi urukurikirane rw'inyuguti na rwo nyene ntirwokwemera kuvamwo ijambo na rimwe ryoshobora kuvuga imihezagiro irindiriye uwizera.

Data, hano kuri uno mugoroba, harashobora kuba hariho abantu batakigira ivyizigiro, yamara kandi abo na bo ni abantu bafise ubwenge! Ni co gituma, namba Amaraso akiri ku Ntebe y'Ubuntu, Uwo Mwagazi ahaguruke ave ku Ntebe aze mu mitima yabo kuri uno mugoroba abahishurire ko bazimiye kandi, ateko abereke ibiganza vyiwe bitonyanga amaraso, ace ababarira ati : « Nimuze igihe co kuza kikiriho! »

Mwami, kubwo amasengesho yanje, nshize ubutumwa bwanje mu biganza vyawe. Nukore ico ushaka cose Data, mw'Izina rya Yesu.

152 Tugume twunamitse imitwe yacu; namba mutarishura ico kibazo ngo mukwize ibisabwa, namba ivyizigiro vyanyu mwabishize mw'ishengero ryanyu gusa, nta na kimwe coshobora kubacungura. Namba ivyizigiro vyanyu mwabishize ku muntu mweranda kanaka ngo ni we abavugira, na ho nyene mwarazimiye. Namba ivyizigiro vyanyu mwabishize ku bikorwa vy'intoke zanyu, ku bikorwa vyiza kanaka mwoba mwarakoze, mwarazimiye. Namba ivyizigiro vyanyu mwabishize kw'isengesho rya ba nyoko canke ku kugororoka kwa ba so canke kwa ba nyoko, namba ari vyo mwashizeko ivyizigiro, mwarazimiye. Namba ivyizigiro vyanyu mwabishize ku gusisimuka canke ku kuntu kidasanzwe mwiyumvise, ugusisimuka mu kuvuga mu ndimi canke gutamba, namba ivyo ari vyo mwashizemwo ivyizigiro yamara mukaba mutazi Umwagazi w'Intama ku ruhande rwanyu, mutamuzi We nyene, aho rero ndabihanikiriza mu nyonga z'Imana nti : Ubu nyene nimwitature n'Imana. Nimusenge kandi mwicishe bugufi biturutse i bwina mu mitima yanyu, kuko Imana yihisha mu kwicisha bugufi.

153 Nimwibuke ko Bibiliya ivuga iti : «Umwami yagenda yongera kw'Ishengero

abagenda bakizwa uko bukeye uko bwije! » None ubu turabasengeye; ndizigiye ko muja gufata iyo ngingo izohoraho, muti : «Mwami, mvuze nti EGO ME. »

Ingingo ni ibuye, ariko ibuye ryomara iki hatabayeho umwubatsi ashobora kurigongora kugira ngo arihe ishusho ibereye kwubaka kandi ngo arihagarike neza? Ni co gituma mworeka Mpwemu Yera akabagongora afatiye ku kuntu musanzwe mumeze kugira ngo abahindure mube uko mwategerezwa kumera. Niwaba uri umunyeshengero gusa wishira hejuru, niwaba uri umunyavyaha, uko woba umeze kwose, niwaba udafise Kristo, ata Mpwemu Yera ugira, Imana iguhe amahoro, kuri uno mugoroba.

154 Mwami, nkuko ndabizi nuko ntahura Ivyanditswe, ubu nzananye n'abo nagushikirije bazanywe n'Ijambo. Ndizigira Mwami, kuri uno mugoroba ko Ijambo ryaronse ikibanza caryo mu mitima y'aba bantu. Aha nihaba hariho abantu batazi canke badafise ubushizi bw'amanga bwa Mpwemu Yera ari hano yicishije bugufi akaguma atsindaje mu bugingo bwabo, namba inyifato yabo, ukutagondwa kwabo, ukwikunda kwabo canke ikindi cose coba carabatandukanije n'ico kintu ciza cane kikaba carabajanye kure yaco, canke namba hoba hariho nemera canke mwariyumvise ukuntu kudasanzwe kukaba kwarabigije kure y'ubugwaneza buva ku kugiriranira ubumwe n'Imana bashobore kubohoka ubu.

Maze uwo Mwagazi w'intama, uwo Muvyeyi Yera yegereje ava ku Ntebe, akagendera mu muco utabonwa n'amaso y'abantu y'ahantu haherereye ku Ntebe y'Imana, yegere kugira ngo ashobore gukomoza umugabane wiwe. Kuri uno mugoroba, Imana ibemeze ko bagiye kumuronka. Ingingo yose ifatwe ku mugaragaro; bashobore kuba ari We bihereza gusa, kuko We ari We ashoboye kubagongora akabahingura ku buryo abakuramwo abahungu n'abakobwa b'Imana.

155 Ubu rero nsenge nshize ijwi hejuru (ndabikora nkuko numva ndongowe) nshize ijwi hejuru imbere y'Imana, kuko yabinyeretse... ntiwahora uri umukristo, ahubwo ntiwahora uri ico bita umukristo, umukristo yavutse ubwa kabiri, ahubwo ikigeretseko uri umwe mu bifatanya n'idini. Ariko niwizere ushimitse ko ubu butumwa ari ubw'ukuri. Mwizere muvyeruye ko ata kindi cobakiza atari ubuntu bw'Imana. Kandi mwizere vyukuri kw'Avugira mu mitima yanyu ubu kandi mwiteguriye kureka ngo Ijambo ryiwe ribatandukanye n'uko mwari musanzwe mumeze maze abahindure mube uko mwategerezwa kumera. Murashobora kubishingira intahe mu guhaguruka? Aha ni haba hariho umuntu ashaka kwakira ico Gikorwa gihagije rwose, nahaguruke.

156 Data wo mw'Ijuru, nta na kimwe noshobora gukora atari ugusubiramwo Ijambo ryawe gusa. Ehe abantu, bahagaze, kuko bamenye ko batameze nk'uko bategerezwa kumera, ni ukuvuga ko batari biteguriye kuzamurwa; kuko izamurwa ryari gushobora kuba imbere yuko utwugurira ica mbere kimatanije ca Gitabo.

Data, ndabasengeye. Nk'umukozi wawe, iri sengesho ndarishikirije Umuvugizi Mukuru, ari we Kristo,

mu gihe bariko barasenga; mfatanije na bo kurungika
isengesho imbere y'Intebe y 'Imana isa n'iyakozwe mu menyo y'inzovu, imwe iriko ikimazi kivirirana, kuri uno mugoroba, tuzi ko ashobora guhaguruka akava kuri iyo Ntebe mu mwanya uwo ari wo wose kugira ngo aze gukomoza ivyiwe. Ico gihe rero nta buntu buzoba bukiriho; ruzoba ari urubanza.

Mwami, abo bantu bahagaze kandi bakaba bihanye mu mitima yabo, wemere kubashoboza kureka Mpwemu w'Imana abahingure, abamenagure ateko abahinduremwo amabuye mazima yo mu Ngoro y'Umwami Imana.

Nubitange Data. Ubu rero ndabagushikirije. Waravuga uti : «Umuntu wese azonyaturira imbere y'abantu, nanje nzomwaturira imbere ya Data n'imbere y'abamarayika. » Kuri uno mugoroba Uhagaze hano, imbere y'abantu bose kandi bahagaze bariko barakwaturira, Mwami; ivyo bivuye i bwina mu mitima yabo, nk'uko nyene Ijambo ry'Imana ari iry'Ukuri, ubu uriko urabavugira, uriko urabakira mu Bwami bw'ubuntu n'ubw'imbabazi z'Amaraso yeza y'Umwagazi w'Intama w'ikimazi kandi bazoba abawe mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen!

157 Murabona aba bantu bahagaze, uno musore ari hano, n'abandi bose. Yemwe mwese abumva ko icaha cose n'ugutsindwa n'urubanza vyakuweho, ndifuza ko muhaguruka (abari impande yabo), maze mubahe ukuboko muvuga muti: «Mwene Data, ndagusengera, mushikanje ndagusengera. » Mubakore mu minwe gusa muvuga muti : «Imana ibahezagire! Ubu ibisigaye biri mu maboko y'Ishobora vyose. » Musubire muvuge muti : «Nzosenga kandi nzokora uko nshoboye kwose kugira ngo ndagufashe kwinjira mu Bwami bw'Imana. »

...Oh! Arahamagara uno musi;
Yesu Arahamagara,
Arahamagarana urukundo uno musi.

158 Muramukunda? [Ikoraniro riciye rivuga ngo ''Amen''- U] Mbega si vyiza cane rwose? [Riti ''Amen''-U] Mbega twokora iki tudafise ibi, ngo : «Umuntu ntatungwa n'umutsima gusa, arikw'atungwa n'Ijambo ryose riva mu kanwa k'Imana? » Oh, Mwami, nungaburire Ijambo ryawe! «... Twoye guheba gukoranira hamwe, nk'uko bamwe bagira, ariko duhanurane kandi uko mubonye wa musi wegereza, murushirize kugenza murtyo. »

Imana ibigomvye, ejo ku mugoroba kubw'ubuntu bwayo nzogerageza kumusaba n'umutima wanje wose ngo atuvugire kugira ngo ibanga ry'Ibimatanije Igitabo, nivyugururwa, rize ryamamaze Ijambo ry'Imana mu bantu.

159 Imana ize ibane namwe kugeza twongeye gukorana. Ubu rero mpaye umwanya mwene Data mukundwa Neville, Pasitori. Ni bangahe bakunda mwene Data Neville? [Ikoraniro riciye rivuga riti : ''Amen''-U] aho rero, twakabaye tumukunda twese! Nuze hano, mwene Data Neville. Mwene Data Neville Imana iguhezagire, mwene Data!

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7